
INYUMA
Y'UBUZIMA
Duc Authentique

INYUMA Y'UBUZIMA

Duc Authentique

Copyright 2022 — Duc Authentique

Uburenganzira bwose burabitswe. Ntivyemerewe kugira kopi, gusohora canke gushira ku mbuga ngurukanabumenyi mu mvo zo kugurisha kino gitabo utabiherewe uburenganzira n'umwanditsi Duc Authentique ubwiwe canke uburongozi bwa Duke Stories.

Abagiteguye:

Umwanditsi: Duc Authentique

Umuhinyanyuzi: Duc Authentique

Igifuniko: Duc Authentique

Contacts: Duke Stories (Facebook Page)

+257 71349267 (WhatsApp)

Duc Authentique (Facebook, Instagram, Twitter ...)

duccendrars@gmail.com

Casohowe na Duke Stories

Bujumbura, Burundi

Hamwe na Duc Authentique nyene:

IMBERE YO KUGENDA

RUGIRA IMBARAGA

UBWENGE

UMUSODA

IBIHE

KURE Y'UMUTIMA

INKURU YA MIKE

UGUHEMUKA

IKIGUZI NARISHE

NIZINDI...

Agace 1

Urupfu ni ijambo rivuga nabi mu matwi ya benshi, ndetse imitima ya benshi ikaryamirira kure uretse ko ari ukuri kw'ubuzima kuko buri musi twumva abo rwahitanye hirya nino amatangazo yo kubika agacanako.

Mu myizerere itandukanye bigisha vyinshi kuvyinyegeje inyuma y'urupfu, aho atanumwe afise ubwenge yoba atarigishwa ko hariho ijuru n'ukuzimu, ijuru rikajamwo abeza ababi bakaja mu kuzimu canke mumuriro udahera.

Naravyigishijwe kandi ndavyizera ndanavyigisha abandi ariko iyo niyumviye ko mubabinyigishije atanumwe arapfa ngo azuke hama agaruke kubishingira intahe bituma ngira amakenga n'amatsiko menshi y'icinyegeje inyuma y'urupfu.

Urupfu atawe rwibanga, umukene, umutunzi, umuhirwe, umunyamagorwa, umuto canke uwukuze bose rujaniranya nkibaza amaherezo y'abo bantu bapfa bose mu butandukane bwabo.

Bitandukanye na benshi, urupfu ni ijambo kurije ryavyura amatsiko menshi yo kumenya amabanga yarwo ndetse umwanya umwe nkumva ndarwipfuje ataruko nari ndambiwe kubaho ariko kubera nashaka kurumenya no kurutahura maze amakenga akavaho kuko namye nd'umuntu akunda kwizera yiboneye nka Toma.

Umusi umwe jewe na Olivia umukobwa mwiza yari yarawuntwaye ataco ansigarije, uwo twari twimirije kurushinga ndetse n'ubutumire bwari buza bwasohotse aho yampitana kukazi

tukagenda iwe aho yaba kuko nari namwemereye ko nza gufungura iwe amenyo yanje agahekenya ivyatunganijwe n'intoke ziwe nziza.

Twashitse iwe anshiriramwo films muri labtop yiwe nawe akenyera igitenge agenda mugikoni ndamukurikiza amaso umutima ukeye ndetse numva ntankeka nd'umunyamahirwe kuba yarampisemwo mu njojo zabamwipfuza bakamuronderera hasi hejuru.

Ikirere carahindutse haza imbeho ninjira mucumba ca Olivia ntora umupira w'imbeho ndagaruka mbandanya ndorera films aho mukanya gakurikira natanguye kwumva ncika intege munyuma numva bitanguye kwanka ko mpema nca ndamenya ko ntankeka ngira nje muri crise.

Nari ngwaye hasima ingwara nakuranye, aho ryari itegeko kugendana ipompo yamfasha igihe vyashika nkaremba bikanka ko mpema.

Mwuwo mwanya nakoze mu mufuko ndabura ipompo nca ndibuka ko aho Olivia yaza kumpitana kukazi yankweze ukuboko nanje ndamukurikira nkumuja wiwe maze nibagira ya pompo nikwo gusimbuka umutima nibaza ukwo ndi bubigenze.

Vyakomeje kwanka maze ndagerageza guhamagara Olivia ariko kubera imvura yariko irarwa ntiyanyumvise ndinanata ndahaguruka ariko mbura inguvu nca ndagwa hasi maze ubwenge butangura kugenda ndavyumva sinasubira kubona na kimwe.

Natanguye kwumva meze nkuwuriko aramanuka ariko nsimbone iyo ndiko nderekeza gusa nkumva manuka gushika igihe numvise

ncekanutse cane nkaho umenga ncitsemwo kubiri igihande kimwe kiramvuyeko.

Nakanuye amaso nsubira kwisanga ndacaryamye hahandi hasi nari naguye, nca ndavyuka mbona birakunze gusa ntangazwa ningene nari numva mpwahutse cane kuburyo numva atakiro na kimwe ngipima.

Nahindukiye ndavye ndakangukwa mbonye uwundi muntu asa nanje akiryamye hahandi hasi nari nryamye ntangura kuyoberwa ivyambayeko canke ivyo ndiko ndabonesha amaso yanje aho nkiri murivyo numvise ikimenetse inyuma yanje mpindukiye mbona ni Olivia yaramenye inrya yarafise mu minwe hasi aza ariruka akoma induru.

Yatanguye gukoma induru atabaza aguma anyiganza wa muntu twasa yararyamye hasi atikakaza maze numva bitanguye kumbabaza niho namwegera ndamufata kurutugu nti:’’Chérie humura reka kurira ndahari ehe hindukira undabe unankoreko’’

Natangajwe ningene vyagaragara ko atambona mbere atananyumva kuko nakomeje kumukorako no kuvuga cane bishoboka ariko vyasa naho ntanahari muvyukuri.

Inyuma y’umwanya abantu batanguye kwinjira kubwinshi baza bariruka gutabara bose banashengerera wa muntu yasa na jewe yarakiryamye hasi gushika aho bamuteruye bamushira mumodoka aho Olivia yaguma arira cane ahamagara izina ryanje kuburyo nanje nisanze ndiko ndarira.

Imodoka yarandurutse nanje numva ndashatse kuyikurikira maze nisanga ndinyuma yayo turajana ntangazwa nukuntu atanguvu

nariko ndashiramwo kuko mwuwo mwanya ikintu cose nashaka gukora vyansaba kuciyumvira gusa caba cikoze.

Ntahandi imodoka yafatiye amafure uretse kubitaro maze mbona barurukije wa muntu yasa najewe bamucana mu cumba kimwe mbona umuganga agize ivyo akora kuri wa muntu asa nanje haheze akanya aca arasohoka ashika asanga aho Olivia yarari kumwe na Maman kuko twahuriye ku bitaro.

Nari numva mfise matsiko yo kumenya ikintu cambayeko vyukuri kuko sinariko ndatahura ikintu na kimwe, niho negera gose maze nitegana igishika kidasanzwe ico muganga yagira abababwire aho nagiye numva avuga ati: ‘‘…

Agace 2

‘‘Mwihangane umuntu wanyu yamaze kwitaba Imana’’

Mu gihe bose baturitse bakarira yaba Olivia yaba Maman abo tuvukana ababanyi n’abagenzi bari bari ngaho, jewe nari mu gutangara kudasanzwe, ntangura kwibaza ubwoko bw’indoto ndiko ndarota.

Vyananiye kwiyumvisha ko napfuye vyukuri kuko nta ba malayika nariko ndabona banjana mwijuru canke mu muriro, nabona nkiri kwisi, nkibona nambaye kwakundi nyene nsa kwakundi nyene uretse ko nari mfise uwundi muntu dusa nabona aho bamuryamitse apfutse hose.

Natanguye kwiyumvira ikigiye gukurikira namaherezo y’ivyariko birambako maze mpitamwo gutekana nkarindira nkaraba iyo bija ngumira hafi ndaba ingene bandirira nubwo vyancumita kumutima kubona bandirira ndababona nkagerageza kubahumuriza ko meze neza ariko ntibanyumve ntibanambone.

Inyuma y’umwanya bajanye ikiziga canje muburuhukiro bwibitaro vyose ndabirorera nkireresi, aho nabonye inyuma y’umwanya bose bataha Olivia yatahanye n’abo muhira mu modoka imwe bagenda bararira nanje ndabakurikira nguma ndabarana intimba yo kubona badashobora kumbona.

Nkuko bisanzwe muhira ikigandaro carabaye, abantu bashishikara kuza guhoza umuryango wari wambuze, aho nabonye abantu nzi nabo ntazi baza bakurakuranywa, bose bagenda bavuga amateka yanje aho umwanya umwe nababazwa

n’amarira yabo uwundi mwanya nkanezererwa no kwumva ingene bamvuga neza.

Buri wese yavuga ingene namubaniye neza aho nari numva murico kibanza bose bangaragariza urukundo kandi atari bimwe vy’uburyarya kuko ababivuga barabantu nzi neza kandi vyinshi muri vyo naba ndavyibuka ivyo nabakoreye.

Mwuwo mwanya niho natahuye ko ubuzima arurugendo uhura na benshi kubw’impamvu kandi uwubereye mwiza aba arakabuto uteye mu mutima wiwe kuko nigihe uzoba wamaze kugenda azobikwibukira ndetse uko azovyibuka bizokwatsa urumuri mu mutima wawe maze ube mu muco.

Iyo misi ivyaba vyose nabikurikiranira hafi, sinaruha, sinasonza, nta tiro nashobora kwumva ngo numve nshatse kuryama, naguma nzunguruka kuraba abantu nakunda nkasanga bari mu gahinda, aho nagerageza no kubahobera kungira bashobore kwumva ukubaho kwanje murico kibanza ariko vyaba impfagusa.

Murukwo kuzerera ntaboneka harikintu natanguye kwumva ndetse ndatahura ko buri uko umuntu yanyiyumvirana icipfuzo kidasanzwe co kumbona nisanga mu buryo budatahuritse hariho ingumvu zinkwega zinjana aho ari.

Umwanya umwe narumva Olivia ankweze kuburyo vyananira kwihagararako uwundi mwanya yaba ari Maman canke mushiki wanje Ange canke Steve mutoyi wanje ndetse na Eric umugenzi wanje twakunda kuba turi kumwe yari kuzombera na parrain.

Ndibuka ko mwiryo joro Olivia yabarushije inguvu bose nca ndagenda ndamusanga mucumba ciwe yiyugaranya ariko ararira yidodomba cane ati:

‘‘Mana umpoyiki koko? Nigiki nacumuye kirenze icabandi kuburyo wompana murubu buryo? None ubu ubona nzobaho Rod wanje atahari ko ariwe nari mbereyeho? Je numva ntazobishobora…’’

Nabonye Olivia akora mwisakame yari iteretse iruhande yiwe maze akuramwo agacupa aguma akaraba yidodomba ati:

‘‘Mana umbabarire kubona niyatse ubuzima ntihaye, kwanza amakosa sayanje, ni we wampuje na Rod, maze ampindurira ubuzima kuko yabuhaye akanovera, nahuye na benshi ariko Rod naramukunze kurusha bose ndetse antahuza ko kubaho biryoshe,none uramujanye mana kuberiki? Kuberiki ubikoze?’’

Olivia yakomeje kwidoga haheze akanya mbona…

Agace 3

Haheze akanya nabonye yugururа kagacupa ndavye indani mbona kuzuyemwo ibinini ntashoboye kumenya ubwoko bwavyo mbona ashize ku munwa vyose arabinywa menya neza ko ariko ariyahura maze nanje aho narindi mbura amahoro nkom induru nti: ‘‘Olivia noooo, Olivia don’t do that please! Nooo Nooo! Ndakwinginze Chr!’’

Nabandanije nkoma induru ndamwinginga ndamubuza, ndagerageza uburyo bwose ariko ntiyanyumva ntiyanambona ahubwo ahejeje kubinywa yagiye mugitanda arifuka maze nanje aho ndi ubwoba intimba nagahinda biranyica ntangura kurira ntabaza bose naho atanumwe yambona.

Haheze akanya nabonye asinziriye mbere ndamwegereye numva ntagikakaza ndavuga nti:‘‘Mana mfasha nukuri Olivia ntapfe, gushika ubu nari mfise vyinshi nogusaba ariko vyose ndabiciye amazi ushake ubinyime ariko unkorere igitangaza Olivia ntapfe’’

Nakomeje gusenga ninginga Imana ariko mbona umenga nayo nyene ntiriko irnyumva ntangura kwiyumvira ico ndi bukore kindi ndakibura niho nagenda mucumba ciruhande nsangayo musaza wiwe Tresor asinziriye ndamwicara iruhande ndamukorako ngerageza kumuvyura ariko nubundi nawe nyene ntiyari kunyumva.

Nasubiye kwiyumvira nti: ‘‘Gshika ubu ndamaze gutahura ko kubavugisha canke kubakorako ataco bimaze kuko kuri bo narapfuye kandi nanje nkwiye kuvyakira ntakundi ariko harikintu

nabonye, kuberiki banyiyumviye cane naho mba ntababona ndavyiyumvamwo?

Aha wosanga ivyiyumviro arico kintu conyene gishobora kubashikira’’

Ukwo niko nafashe ndicara mpanga amaso Tresor maze nugara amaso ngerageza guhagarika ibindi vyiyumviro vyose nari mfise mwuwo mwanya maze haheze akanya numva mu mutwe haratekanye nca ntangura kwishiramwo ko ninjiye muri Tresor ntangura kwibona nabaye Tresor nryamye ivyo vyose ndavyiyumvira nirinda gukekeranya hanyuma nca niyumvira ko ndiko ndabona Olivia yiyahura ngarukana ya mashusho nari nabonye ya majambo yavuga yose navya binini yanywa.

Naravyiyumviranye inguvu nyinshi kuburyo haheze akanya nagiye mbona Tresor aho yararyamye asahuka ahaguruka akom induru kwakundi kwiwanje nyene ati: ‘‘Olivia Nooo Oliviaaaaaa’’

Yakomye induru ahaguruka yiruka asohoka icumba ciwe yerekeza kucumba ca Olivia aguma adodora akoma induru gushika nabavyeyi biwe ndetse bose muri yo nzu baravyuka bashwabadukira kuraba ikibaye babaza Tresor ati: ‘‘Nibiki Tresor’’

Nawe ati: ‘‘Olivia ariyahuje ibinini’’

Ntibiriwe baramubaza vyinshi ahubwo bose bagiye muvyo guhamagara no guhondagura kumuryango ariko babonye atishura umwango birangira bawubomoye basanga ntagikakaza maze mu mihangayiko namarira menshi bamwihutanye kwa muganga

nanje ndabakurikira nguma Nsenga Imana nti: ‘‘ Mana nkorera iki gitangaza ndemeye ntakindi nzosubira kugusaba undokorere Olivia ntapfe’’

Bamushikanye kwa muganga abaganga bari kwizamu bose batangura kwiruka bagerageza kurokora ubuzima bwa Olivia kuko kubw’amahirwe ntiyari bwapfe agatima kari kagitera nubwo katerera kure.

Inyuma y’umwanya umuganga yaje ababwira ati:’’Umugwayi wanyu yanyoye imiti yamusinzikaje cane mu nda, ndetse namafyigo arashikigwa ariko turiko turamwitaho, mubandanye kumusengera kuko ubuzima bwiwe ntiburi ahantu heza’’

Bose bacitse intege naje ndimwo ariko nibura nari mfise icizere kuko yaragihema kandi nkuko abarundi bayamaze bati: ‘‘iritararenga nturirenza ingata’’ ndetse ko atawutanga Imana kwihebura nahisemwo kwizera ko Olivia azokira kuko gushika uwo mwanya kuri je Imana yarimaze gunkorera igitangaza.

Maze haheze akanya Maman Olivia yegereye Tresor amubaza ati: ‘‘Treso wamenye gute ko Olivia yiyahuje imiti?’’

Tresor ati: ‘‘Nukuri nanje sinzi, nari nsinziriye hama ngira indoto mbona Olivia ariko ariyahura burya nikanguye ndiko ndarazirana ubwenge ntibwari bwagaruke ahubwo je numiwe’’

Maman Olivia ati: ‘‘Yesu weee! Imana nukuri ihabwe icubahiro, ubu twokwikanguye mugatondo dusanga yamaze gucikana’’

Bakomeje kuganira maze nanje ndabasigaho ngende mu cumba Olivia yararyamyemwo aho nabona umuganga ariko amutera

imiti maze nanje ndamwicara iruhande nguma ndamwitegereza ingene yararyamye ahumirije.

Natanguye kumukora muruhanga no mumishatsi mvuga nti: ‘‘Chr humura ndahara kandi uraza kumera neza’’

Nasubiye kwibuka ko navumbuye uburyo bwo gushobora kuvugana nabantu bakiri bazima nkoresheje kubinjiramwo biciye mu vyiyumviro maze mwuwo mwanya ndindira ko wa muganga asohoka kugira ntangure kwihishurira Olivia ndanamuhumurize kugira n’ubundi niyo yakira ntazosubira kugerageza kwiyahura.

Nkitenguye gutekanisha ivyiyumviro kugira negeranye Ibiza kumpuza na Olivia numvise haricuma gisonye cane mbona umuryango urugurutse maze abaganga baza bariruka aho natanguye kwumva ba Maman Olivia bakoma induru…

Agace 4

Habaye uruhagarara, abo mu muryango wa Olivia batangura kurira nanje ngumira mu cumba nitegereza ingene abaganga bacanako bagerageza kurokora ubuzima bwa Olivia ariko uko umwanya ugenda ariko bigaragara ko bariko baracika intege.

Nanje nabonye ko ntoguma ndorera ataco nkoze, nicaye mumfuruka, mfunga amaso n'amatwi kuko gushika aho nari namenye ko harukuntu nashobora kubigenza nkahagarika kubona ikintu na kimwe ndetse namajwi yose nkayabuza kwinjira mu matwi yanje.

Uwo mwanya nicaye mu mfuruka yico cumba manze ndahumiriza mfunga namatwi nsigara mu gacerere ntangere atagikakaza mu bwenge bwanje, maze ntangura kurema isi mu bwenge bwanje nari nipfuza guhuriramwo na Olivia.

Naremye ahantu ku musenyi impande yikiyaga hirya hari ishamba rinini n'imisozi ari ku mugoroba izuba ririko rirarenga, inyoni n'ibikona mu kirere biguruka akayaga gahuha amazi y'ikiyaga asuma.

Nagerageje kurema ikirere ciza gishoboka kiza gutuma Olivia yiyumva neza, maze ivyo ndabihejeje nca ndahagarara kunkombe ndaba izuba rirenga nikirere cuzuye umuco w'umuhondo w'izuba ryarasa rirenga niho hageze igihe co kuzana Olivia aho hantu.

Natanguye kwishiramwo ko ndiko ndumva Olivia anserutse inyuma maze bidatevye ntangura kwumva imirindi y'ibirenge biriko biratambuka inyuma yanje biza bingana, aho hose nirinda

gukekeranya no kwiyumvira iciyumviro gitandukanye n'icipfuzo canje.

Haheze akanya namvise intoki z'ibiganza zinkora mumbavu no kunda gushika aho yampwanije ampobera anciye inyuma numva igikiriza ciwe n'umutima uterera mu mugongo wanje aho impwemu ziwe zampuha kwizose nkumva ubushuhe bwazo n'akamoto k'amavuta yiwe nari naramenyeye bintera kwibagira vyose.

Haheze akanya numvise mw'ijwi rito ati: ''Chr kuki wafashe umwanzuro ukagenda utanansezeye? Ese warubona nzoshobora kuba mw'isi ya jenyene utarimwo wari waramenyereje umunyenga ukanyizeza ijuru rito twari twimirije kubamwo?''

Jewe nti: ''Chr ntaho nagiye nukuri, nubwo utambonesha amaso y'umubiri ngo intoki zawe zinkabakabe, ndakwama iruhande ndanakwegereye kurusha ukwo uvyibaza''

Nawe: ''Ariko Chr ndasavye unsezeranye ko izi atari indoto kuko nimba arindoto nsinkeneye gukanguka ngo nisange muri kagahinda ko kuba mw'isi utakirimwo''

Jewe: ''Chr, umbabarire sinshobora kukugirira iryo sezerano kuko noba ndakubeshe, reka mvuge ukuri kuryana gukiza, izi n'indoto ariko kandi ni ukuri kuko ndahari ndi muzima mw'isi y'impwemu, ndetse nkeneye ko unsezeranya ko ugiye kwikangura nanje ndagusezeranye ko nzokuguma hafi ndakubere umumalayika murinzi aho uzoba akaba ariho mbarizwa''

Nakomeje kwinginga Olivia ariko ambera ibamba yanka kwemera kwikangura kandi vyagaragara neza ko atikanguye

mwisi y’abazima bashobora kumubura burundu ndetse nibutse ko noba ndimumpamvu zitumye apfa nkumva sinokwibabarira niko kumutakambira nti:’’Basi Olivia ndakwemereye ko nzoza ndakugendera mu ndoto igihe uzovyifuza ariko wikangure ntutere agahinda umuryango wawe ndasavye’’

Olivia bigoranye yambwiye ati: ‘‘Nigiki conyemeza ko bizokunda, ko ntazorira nkihanagura ubuzima bw’umwiza bukabandanya bungobera kukwibagira?’’

Jewe nubwo ntari ndabizi neza ko bizokunda nahisemwo kubimwemeza nti: ‘‘Bizokunda cane Chr, we ico uzokora uzonyiyumvira cane ugira usinzere nzoca nigaragaza mu ndoto zawe’’

Munyuma nabonye amwenyura ati: ‘‘Chr ndagukunda cane mbere ntanuwundi muhungu nzokunda kwisi kuko umutima wanje niwe nawuhaye’’

Olivia yari rukundo rw’ubuzima bwanje ariko muruwo mwanya nipfuza y’uko yikangura ndetse akabandanya ubuzima kuko je nari namaze kuva mu bazima, ndetse namwipfuriza amahirwe masa, namwipfuriza kuzosubira agakunda ndetse agakundwa kuko ikintu nari naratahuye mu buzima ko atakintu kwisi kiryoshe nko kuba mu rukundo n’umuntu ukunda vy’ukuri.

Uwo mwanya naramusezeye ndamuhobera ndanamugobera kugenda ariko twatera dutandukana hagati yacu haguma haba ikirere kidutanduka gushika ntasubiye kumubona niho naciye nsubira ndugurura amaso n’amatwi nicaye hamwe muri ca cumba ndabibutsa ko ivyo vyose vyariko bibera mu mutwe wanje.

Nasubiye kwitegereza aho Olivia yararyamye kuri ca gitanda yararwariyeko nza mbona…

Agace 5

Nabonye abaganga bariko bamukurako ivyamufasha guhema bamucomoramwo n'amaserumu yaramurimwo bahejeje baramupfuka hose aho vyagaragara ko yamaze gucikana numva ndihevye ndacika intege amosozi atemba ku matama yanje ndihanagura nca ndahindukira binanira kuguma ndamuraba.

Haheze akanya numvise umuganga umwe avuga ati: ‘‘Attends!’’

Bari abagangakazi babiri aho nanje naciye nsubira ndabaraba nza mbona uwundi amubajije ati: ‘‘Habayiki?’’

Nawe ati:’’Je mbonye umenga arikakaje’’

Basubiye aho aryamye baramufukura kandi ko basanga ariko arahema bose barumirwa umwe ati: ‘‘Tiens! Erega nivyo ariko arahema! Nukuri kw'Imana!’’

Uwundi: ‘‘Ce n'est pas possible! Umuntu amaze isaha yacikanye arazutse?! ’’

Mwuwo mwanya namenye ko Olivia agarutse mu bazima maze numva umunezero utagira ukwo ungana mbura uwo tuwusangira kuko nasohotse muri corridor nsanga imiborogo ni yose kumuryango wa Olivia sije nabonye baba bagangakazi barasohotse gutangaza inkuru y'igitangaro Imana nari nasenze nihevye yarihejeje gukora.

Bose binjiye biruka kandi koko basanga Olivia yikanguye aho twese twatangajwe ningene yikanguye akeye mu maso aho vyagaragara ko yikanguye ari uwundi muntu mushasha nanje biranshimisha cane.

Bagumye bamuhobera barira amarira y’umunezero aho Olivia yaciye abasaba imbabazi ati: ‘‘Nukuri mumbabarire nabitewe n’ukwiheba maze ukwikunda kuntera kwibagira ko ukugenda kwanje kwosiga agahinda mu mitima yanyu’’

Maman wiwe ati: ‘‘suuuuu! Ivyo ntaco bitwaye kandi turagutahura ahubwo Imana ishimwe yo yarambuye ukuboko ikakunyakura urupfu rwari rwamaze kukujana’’

Olivia ati: ‘‘Muzi ko twahuye na Rod?’’

Yarabivuze ndatangara menya ko koko vyabintu vyanje vyakoze, maze nko amashi nti: ‘‘Yeees! Nabikoze kabisa!’’

Naciye mva ngaho ngenda ndatambukana umunezero w’intsinzi numva ntesa gose ndetse ntangura kwumva nezerewe ubwo buzima bushasha nari nisanzemwo inyuma y’urupfu rwanje butandukanye nubwo nari nakuze mbarirwa kuko gushika mwuwo mwanya nta juru nari bwajanwemwo canke umuriro udahera, nta bamalayika canke ama demons nari bwabone.

Hari hakiri kare kugera ngo nshobore gutahura vyose ariyo mpamvu nakomeje kurindira ntekanye ariko ukwo umwanya wagenda naguma nitahura kurusha, ntahura ibintu vyinshi nari ntanguye gushobora gukora bitashoboka nkiri kwisi.

Nkakarorero kwinjira mu ndoto zumuntu asinziriye nkamwiyereka canke nkamwereka ivyo nshaka ko abona kuko nari maze kubikora kuri Tresor na Olivia, noneho natanguye kubona ko nshobora no kubona canke kwumva ivyumuntu ariko ariyumvira kuko igihe nasanga Olivia mu cumba agira yiyahure

arya majambo yavuga ntiyariko ayavuga mwijwi ryumvikana ariko yariko ayavugira mu mutima.

Natahuye kandi ko aho vyari bigeze bitari bigikenewe ko ntambuka mu kwiyunguruza kuko vyasaba gusa ko niyumvira kuba ahantu naca ndahisanga ndetse vyagaragara ko ikintu cankorera vyose muruwo mwanya bwari ubwenge canke ubwonko.

Rero umusi ukurikira wari umusi w'amaziko yanje aho bose biteguye nanje njana nabo vyose ndabirorera nkireresi aho nabonye basohora ikiziga canje mwisandugu ndiraba neza ndavuga nti:

‘‘Vya kueli napfuye canke izi nindoto ndimwo umwanya n'umwanya nshobora kwikangura? Nimba napfuye vyukuri numva nobwira abakiri kwisi ko gupfa atari icago ahubwo ar'umwidegemvyo! Mbe hoho! Abandi bapfa baja he ko atanumwe ndiko ndabona? Ibi bintu biriko birambako birayobeye pe!’’

Ku Mpanda ahariko harabera amaziko yanje niho nari nibereye mbandanya gukurikiranira vyose hafi aho naravya kuruhande nza mbona…

Agace 6

Nabonye agahungu gato kambaye gasa nagafise imyaka cumi n’itatu kicaye ku mva imwe yari iruhande ariko ntangazwe n’ukuntu kaguma kandaba bigaragara ko kambona neza niko kugerageza kukegera kugira ndabe vyukuri ko kambona kuko gushika ico gihe nta muntu nari bwabone ashobora kundaba akambona.

Nkuko bisanzwe, nkiciyumvira kukegera nisanze aho kari gahagaze ariko ndakabura bisa naho mu mwanya isase nafashe wo kwisanga aho gahagaze nako kari kari kamaze kunyika, ntangura kweraguza hose ndakabura ndagerageza no kuzunguruka mumicungararo hose sinakabona.

Muri ukwo kuzunguruka naserukiye ahantu handi hariko haraba amaziko atangaje, kuko yari amaziko yitabwe nabantu batatu ukuyemwo abakozi bariko bakora ibikorwa bijaye namaziko.

Hari umumama n’umwana w’umukobwa barira bafatanye bintera kwibaza ingene boza guhamba umuntu wabo ari bonyene kuko ndavye mwisandugu narabona ko ari umugabo.

Nkicibaza ivyarivyo numvise ijwi rimpamagara riti: ‘‘Rodrigue!’’

Mpindukiye nabonye ari ka gahungu nsubira gutangara ingene kazi izina ryanje maze nihutira kukabaza nti: ‘‘Hey ni wewe kandi?’’

Nako gati: ‘‘Hari mu gicugu bose baryamye aho bumva ku mwango uwudodora maze Serugo aja kwugurura atazi ko

yugururiye abaje kumwicira umwana bamuha gasopo ko yuguruye umunwa akavuga ivyo batipfuza ko bivugwa!’’

Nanje nti: ‘‘Acha? Ivyo vyabereye hehe none?’’

Nawe ati: ‘‘Umwana bishe ni jewe uwanyishe nawe ni uyo mugabo ubona mwisandugu apfuye akabura ikimuririra’’

Numvise ntangaye nongera kwiyumvira ingene gukora ikibi atawe vyahaye umugisha nca ndamubaza nti: ‘‘None amaherezo yiwe nayahe?’’

Nawe ati: ‘‘Oya rindira uzoyabona uzoze uraza kumuraba mwitegereze neza umbwire icubona’’

Negereye isandugu ndaraba mbona wa mugabo yari mwisandugu arakanuye ariko araturaba ariko adashobora kwikakaza nti: ‘‘Ko mbona umenga ariko aratubona none?’’

Nawe ati: ‘‘Ntubeshe aratubona Rodrigue’’

Jewe nasubiye gutangara nti: ‘‘None izina ryanje urizi gute?’’

Nawe ati: ‘‘Numvise bariko baguma barivuga ku maziko yawe!’’

Nanje nti: ‘‘None basi nawe bakwita gute?’’

Nawe ati: ‘‘Bande?’’

Jewe: ‘‘Mbwira izina ryawe”

Nawe ati:’’Nkiri kwisi banyita Lionel ariko ubu ntaco rikimaze kuko ngaha amazina yo kwisi ntaco amaze’’

Yavuze Lionnel nca nibuka umwana w’umugenzi wanje yapfuye twiga mu windwi nca numva ndakangutswe nti: ‘‘Unyibukije umugenzi wanje yitwa Lionel yapfuye twiga muwindwi’’

Nawe ati: ‘‘Ntabwo yapfuye kuko uvuze gupfa umenga uvuze kuzimangana ariko uravye neza si ugupfa ahubwo ni ukwikangura kuko ubuzima bwo kwisi n’inkindoto ibintu vyose biba binyegeje aho uvuye kwisi ucubona vyose neza atamabanga agihari’’

Yabandanije ati: ‘‘Rodrigue ni jewe Lionel umugenzi wawe’’

Narakangutswe nsubira kumwitegereza neza uko haca umwanya isura yiwe yangarutse mu mutwe ndamuravye mbona niwe koko uretse ko we yagumanye umubiri wumwana mugihe je nari narabaye umugabo ariko numvise nryohewe cane nca ndamuyambira maze numva nshaka kumubaza ibibazo vyinshi.

Nti: ‘‘Uzi ko urupfu rwawe arivyo rwabaye ibanga atamuntu yigeze amenya icakwishe’’

Nawe ati: ‘‘Abavyeyi banje bari babwiwe ko bagize ico bavuga bazogaruka kwica barumuna banje aho baciye bahitamwo kuruca bakarumira’’

Nanje nti:’’Ni hatari, none ubu buzima bimeze gute? Tuzotahira kuguma tuzerera? Mbe abandi bapfuye bari he?’’

Nawe ati:’’

Agace 7

Lionel ati: ‘‘Umwana avutse ntashoka abona vyose canke ngo atahure vyose, biramusaba umwanya wo kwiga rero nawe umeze nkuruyoya ruhejeje kuvuka mw’isi y’impwemu biragusaba kwiga no kumenyera kugira ugende uratahura ibintu bimwe bimwe’’

Nanje nti: ‘‘Igihe kingana gute?’’

Nawe ati:’’Ubundi bwo ngaha nta bihe bibaho mvuze umwanya ni kugira utahure gusa ariko ubundi bwo ibihe n’umwanya nivyo kw’isi yabazima kuko ngaha ntakahise kubu canke kazoza kabaho kuko ivyo vyose biri mu bwenge bwawe’’

Nasubiye kumubaza nti: ‘‘None ko mbona umenga turacari kwisi nubwo tutaboneka?’’

Nawe ati: ‘‘Isi igaragara ni isi y’impwemu novuga ko ari bimwe kuko vyose birakorana kimwe cose kigira ingaruka kukindi mu buryo ubu na buriya, nkakarorero ivyo abo kwisi badatahurira impamvu ni kubera iyo mpamvu iba iri mwisi y’impwemu nabo bakaba badashobora kubona mwisi y’impwemu arico gituma bavuga ngo ‘bararaba ariko ntibabona bukumviriza ntibumve’ yamara twebwe ntakinyegejwe mu bibera kwisi y’abazima ariko ivyo mwisi y’impwemu ubona ibintu bivanye n’urugero ugezeko rwo gutahura arico gituma wewe ubona ibintu bike ugutahura kwawe kuracari guke’’

Nanje nti: ‘‘None nobigenza gute ngo ntahure ningoga”

Nawe ati: ‘‘Déjà gushika ubu uriko wavança ku muvuduko mwiza kuko benshi mubo mwaviriye kwisi rimwe ntibazi nakimwe baracasinziriye kuko vyose biva kugushaka

kw’umuntu, si no ngaha gusa no kwisi umuntu yaroraniwe kurusha abandi ni uwagaragaje ubushake kurusha abandi rero nawe ugushaka kwawe nikwo kuzogaragaza umuvuduko wo gutera imbere mu gutahura kwawe’’

Nari numva nomubaza ibibazo vyinshi ariko yaciye ambwira ati: ‘‘Urantunga ngomba kukureka nkagenda tuzosubira’’

Nanje nti: ‘‘Aka kanya? Ugiye he?’’

Nawe ati: ‘‘Isi y’impwemu ni nini ndetse ntigira igipimo kugira ubure ahuja uretse ko tutaziriye kuba inzererezi nkuko uvyibaza’’

Jewe nti: ‘‘Basi nzosubira kukubona ryari?’’

Yantungiye urutoki mu mutwe antahuza ko vyose ari mu mutwe maze agirako anyika sinasubira kumubona aho nasubiye hamwe hariko habera amaziko yanje nsanga bose batashe nca nicara ku mva yanje ntangura kwiyumvira nongera nivugana ntwenga nti:

‘‘Hahaha finalement gupfa biratesa look at me now aho ndi I feel free like I have never felt! Iyo ndabimenya nkiri kwisi vraiment nari guhumuriza ab’isi nkababwira ko ata mpamvu yo gutinya gupfa kuko ubuzima bwo kwisi bumeze nka kurya kw’ikinyabwoya cama gitinya gupfa ariko ntikimenye ko gupfa kwaco ariyo ntango y’umwidegemvyo kuko kica kiba ikinyugunyugu kikagendera mu kirere gisezereye ubuzima bwo gukurura inda hasi’’

Ubwo nyene naciye niyumvira nti: ‘‘Ahubwo ndibutse nkiri umwana ingene nama ndarota ndiko ndaguruka’’

Mwuwo mwanya numvise umenga nico gihe cuko indoto ndayigira ukuri maze nishiramwo ko ngira nguruke maze

mukanya gato numvise amaguru atakiriko arakora hasi ahubwo ntera nduga hejuru gushika aho natanguye kugenda nkinyoni mu kirere nkomeza kuguma ndaba igisagara ca Bujumbura ndetse ndaja kurere kuburyo isi yose yatanguye kumbera ntoyi kuko natanguye gutembera igisagara cose co kwisi niyumviye.

Nabona abantu batandukanye bari mu bitandukanye ariko haraho nageze binanira kurengana aho yarumukobwa nabonye ariko ariruka ndavye inyuma yiwe mbona umuhungu ariko amwirukako mbere birangira amuhambije aho hari ahantu mwijoro ndabona neza ko uwo muhungu ariko agerageza kumushurashuza ku nguvu maze nanje niyumvira ico nokora ngo ndamutabare.

Umukobwa ukwo yatabaza ntiyumvwe vyantera ikigongwe niko kuca ngerageza kwinjira muri nya muhungu maze ndamuteza itiro aca arasinzira kuko gushika uwo mwanya nari maze kumenya ingene bikora ndetse vyari bisigaye bimbangukira maze uwo mukobwa mba ndamutabaye nubwo wewe atamenye ikibaye.

Naciye mbona ko umuntu akiri kwisi azigamwa nibintu vyinshi ndetse mu buryo bwinshi atoshobora gutahura ariko kandi niyumvira ingene kwisi hari ububisha bwinshi ikibutera kuko impwemu mbi sinazibona zosha abantu gukora ibibi kuko natanguye kwibwira nti: ‘‘Nimba jewe nshobora kwinjira mumuntu kugira nkore iciza nta nkeka vyoshoboka ko ndamwinjiramwo ngamije gukora ikibi kandi ndazi sindi jenyene mwino si y’impwemu nubwo amaso yanje atarabona’’

Nkiri muri vyo nasubiye kwumva inguvu zinkwega ndazimenya yari Olivia yankumbuye kuko nahise menya ko ariko

aranyiyumvira cane maze mpitamwo kugenda mugana ariko nkigenda nagiye numva mfashwe…

Agace 8

Mu buryo buyobeye numvise ncitse intenge numva vyanse ko niyunguruza nca nicara hasi aho nari ngeze maze negamira ku giti ntangura kwibaza ibiriko birambako kuko ryar'iryambere numvise ndushe nkacika intege ibintu vyatumye mpangayika nikwo kuca niyumvira gutabaza Lionel kugira ansigurire ibiriko birambako.

Nkiciyumvira ingene ndamuhamagara nibutse ko yambwiye ko vyose ari mu mutwe, nanje nikwo nabigenje mpamagara izina ryiwe nkoresheje ivyiyumviro nza mbona ampagaze imbere ati:"Habaye iki ko mbona urambaraye hasi?"

Jewe nti:"Nanje ntavyo nzi ahubwo nshaka umfashe kuko numva ncitse intege"

Lionel ati:"Ntibibaho haba kwisi canke mw'isi y'impwemu ntakibura impamvu"

Lionel yahumirije akanya gato nza mbona arazungije umutwe ati:"Ntibishoboka!"

Jewe nti:"Ibiki bidashoboka?"

Nawe ati:"Umviriza Rod, ngaha turi ni mwisi y'impwemu, uracari uruyoya nturamenya vyinshi, ariko ugerageze utangure kwikuramwo ko ukiri Rod umwe wo kwisi uzi, uhagarike no kwifata nkabantu kuko ubu ur'impwemu"

Jewe nti:"None nakoze iki?"

Nawe ati:"Uri mu bihano"

Nanje ntangaye nti:"Ibihano nacumuye iki?"

Nawe ati:"Wivanze mu bitakuraba ndetse ukoresha inguvu zawe ngo uriko uratabara uriya mukobwa vyasa naho yagira ashurashuzwe"

Jewe nti:"None nari kureka agakubagurwa ndorera"

Nawe ati:"Suko bikora ngaha kuko iyaba arukwo isi yohindutse Paradizo, gabanya amarangamutima, kwisi buri wese afise ivyategezwa gucamwo kubw'impamvu kandi vyose bimugirira akamaro, nkubu urya mukobwa watabaye wishe umugambi wari kubuzima bwiwe mbere wamuciriye inzira y'ubuzima twese tutaziga aho bizotugora kumukurikirana"

Jewe nti:"Sindiko ndatahura narimwe"

Nawe yasubiye kugira urutoki mu mutwe wiwe ati:"Ishiremwo ko uriko urabitahura...umviriza Rod, kwisi umuntu avuka inzira y'ubuzima bwiwe yaraciwe vyimfatakibanza kandi iyo nzira iba arinziza kuri we gusa nivyinshi bishobora gutuma ayivamwo nkakarorero ivyo wakoze, rero buri muntu ari kwisi afise impmwemu zijejwe kumukurikirana muriyo nzira zikagerageza kugwana nibimukura muriyo nzira, ahubwo ntangajwe ningene watsinze izo mpwemu zijejwe uwo mukobwa?!"

Nanje nti:"Ariko ivyo je ntavyo nari nzi"

Nawe ati:"Ubu rero wabimenye ivyo kwisi gushika ubu ni ibitakuraba uzobirabishe amaso gusa wirenganire gushika igihe uzomenyeshwa"

Lionel yaciye azimangana nanje ngumira aho ariko nditega ko inguvu zigaruka ndabura gushika aho nasubiye guhamagara

Lionel ashika ashavuye ati:"Nibiki kandi kuguma ungora Rod? Rega mfise akazi kenshi ntumbone uku?"

Jewe nti:"Rega vyanse ko mva ngaha!"

Nawe ati:"Vyanse kubera uguma wiyumvira ko vyanse, iyumvire ko vyakunze urabe"

Nakoze nkuko ambwiye niyumvira namerewe neza nza numva inguvu ziragarutse nsubiye kuraba nsanga Lionel yagiye kera nanje nca ndaguruka ifure nayifatiye kwa Olivia mu cumba yararyamyemwo nsanga yamaze gusinzira ngira ninjire mu ndoto ziwe nibuka ivyo Lionel yari yambwiye kuko nagomba gutahura ko ntakiri mu bazima ndetse ko nkwiye kwiyakire.

Nitegereje Olivia mbona ameze neza ndamusiga ngenda ahahoze ari muhira nsanga bose bararyamye kandi baratekanye mbandanya kuzunguruka mu bagenzi nari nzi bose mbona atakidasanzwe ahubwo vyagaragara ko batanguye kunyibagira.

Sinababajwe nuko banyibagiye ahubwo vyaranryoheye kuko vyampa umwidegemvyo kuko sinari ngikwerwa ninguvu nyinshi ngo mbure amahitamwo yaho nja, ikindi nabo nyene vyababuza kubandanya ubuzima bandirira nkaho umenga narazimanganye kandi aho ndi atakibazo mfise.

Nabuze iyo nja nuwo tuvugana ndaba gusubira kugora Lionel numva bitoba vyiza nca nibuka wamugabo ndabona mu mva Lionel akambwira ko ariwe yamwishe nikwo kuca niyumvira kuja kuraba ivyiwe aho bigeze nsanga aracaryamye muri ya mva nyene ndetse umubiri wiwe wari watanguye kubora uguma uturika inyo aho negereye rwose mbona umugabo ariko ararira.

Natanguye kwibaza ikiriko kiramuriza nguma ndamwiyumvirako cane aho ntazi ukuntu vyanjemwo nsanga namubajije nti:"Uriko urizwa niki ga wa mugabo we?"

Ubwo nyene numvise ijwi rivugira kurere cane nkahantu hameze nko mu mwobo ritaka cane riti:"Ntabaraaa ndapfuyeee"

Narakangutswe niyumvira iryo jwi iyo riturutse nimpamvu rivugira kure cane ariko ryabandanije kuboroga cane nanje nca nibuka Lionel ambwira ko ivyaha uwo mugabo yakoreye kwisi bitazijana maze ntangura kwibaza nti:"Ubu ahubwo usanga uyu mugabo ariko arishura ivyaha yakoze"

Nkiri muri vyo nagiye numva ijwi riti:"Ari mu bubabare budasanzwe! Buri ukwo urunyo ruturika rumuvamwo imisiba nudukoko twinjira tukarya umubiri wiwe uriko urabora avyumvira mu musokoro!"

Narahindukiye ngo ndabe nyene iryo jwi ndaribura, ndagerageza uburyo bwose kugira nshobore kumubona biranka nca ndamubaza nti:"Uri nde wewe?"

Nawe ati:"Ndi uwo ndiwe"

Nanje nti:"Kuberiki ntakubona"

Nawe ati:"Kubera bidakenewe ko umbona"

Nanje nti:"Kuberiki bidakenewe?"

Nawe ati:"Vyukuri urashaka kumubona?"

Jewe nti:"Cane nukuri"

Ryari ijwi ry'umuntu asa n'umutama nkumva umenga hari ahantu ndarizi ari naco gituma nari nipfuza kumubona kugira

ndamumenye ariho nagiye mbona yigaragaza nsanga navuze cane nti:"Noooo ntibishoboka! Weweee?"...

Agace 9

Nari mbonye Sokuru yavyara Maman twakundana cane nkiri umwana imbere y'uko apfa narakunda kuja kumuraba aho yaba kuko yarafise n'akabutike yadandaza aho nashika nryibisuguti imbombo nibitumbura gushika ndabihimvye, naramukunda cane nubwo kubwigihe cari kihaciye nari naramaze kumwibagira ariko mwuwo mwanya numvise nsubiye kugira wa munezero nagira nkiri umwana buruko namubona nca ndamusimbirako ndamuyambira ngira amahirwe birakunda ati:"Ndabira ingene washajeee!

Jewe nti:"Hahahaha Sogo none je narashaje we nawe vipi?"

Nawe ati:"Jewe nyene nd'akabébé ka deux ans Hahaha"

Twagumye dutwenga nti:"Uzi ko uriko untwenza kumwe wantwenza nkifise imyaka itanu"

Nawe ati:"Karibu rero nari natanzwe kuza kuguha ikaze"

Jewe nti:"Icamande nyene urazimisi maze nzerera irungu ryanyiciye mwiyi si ntaramenya ivyayo"

Sogo ati:"Hahaha mpore mwananje ariko ariko vyari ngombwa ko tumanza tukakureka ukitahuza isi urimwo wewe ubwawe kwurya kw'uruyoya ruvutse rutegerezwa kugaragaza akigoro ko gushaka kubaho rukarwana no guhema ndetse rukanarira"

Jewe nti:"None ko mwese muguma mumpa uturorero tujanye n'uruyoya vy'ukuri aha meze nkuruyoya?"

Nawe ati:"Cane uretse ko wewe uri uruyoya rutangaje mu buryo bwiharije"

Jewe namatsiko nti:"Gute kandi?"

Nawe ati:"Mbe basha ndabigusigurire gute! Urabona burya ibintu vyose wabonye kwisi ninkigicapo canke igishusho c'ibindi bintu muba mutazi, burya nivyo mutigeze mumenya umuntu ntatangura kubaho avutse kwisi"

Jewe ntangaye nti:"Bisigura ko?"

Nawe ati:"Bisigura kwisi avuye mwisi y'impwemu ari naco gituma ubona abana bavukana imyimerere itandukanye ntabwo aba aricaduka ariko ivyo sivyo nshaka kugusigurira"

Jewe nti:"Bandanya nguteze yompi"

Nawe ati:"Impwemu mu bisanzwe iba imenyeye ubuzima bwo mwisi y'impwemu aho idakenera umunwa canke ururimi kugira ivuge canke amatwi kugira yumve canke amaguru kugira yiyunguruze canke amaso kugira ibone n'ibindi n'ibindi, iyo yinjiye mukabuto karondotse mugitereko c'umuvyeyi yibungenze ntigashoka kamenyera ubuzima bwo kwisi aho karinda kavuka arakayoya kagifise ya mero y'impwemu idakeneye ikintu na kimwe ku mubiri kugira ikore ivyishaka arico gituma umwana avuka atavuga nako atavugisha umunwa kuko impwemu yiwe iravugana na nyina mu buryo abisi badatahura, ariko ukwo imisi igenda yisanga atayandi mahitamwo afise uretse kwiga gukoresha ingingo zumubiri kuko iba iriko iratahura ivyo kwisi ingene bikora gutandukanye no mwisi y'impwemu iyo yaje iva.

Co kimwe rero niyo uvuye mwisi ukaza mwisi y'impwemu ivyo abo kwisi bita gupfa ariko twe tuvyita kubohoka canke kwidegemvya, uzanana akamenyero nkivyo mwisi, uguma

wibaza ko ukeneye amatwi kugira wumve ugakenera amaso kugira ubone canke amaguru kugira wiyunguruze namaboko kugira ugire icukoze ariko siko biba biri ari naco gituma wabona uri we nyene, canke ntiwumve ariko twaba tuhari.

Uretse ko we waje mu buryo bwiharije arivyo bikugira uwigitangaza ivyo uzotahura igihe kigeze"

Sogo yambwiye uko nanje mbandanya ndamubaza nti:"None vyagenze gute ngo ndakubone wewe na Lionel"

Nawe ati:"Ugushaka kwawe nikwo kwatumye bikunda uretse ko arivyiza ko uca uhera kubona abantu wigeze kumenya ukiri kwisi kugira wisange mumuryango kurya kw'uruyoya rumanza kumenya nyina se nabo mumuryango nawe nikwo vyagenze ariko aha ukikujwe nibihumbi nibihumbi vy'impwemu ziriko ziraguha kaze zikunezererewe nubwo utariko urazibona ariko igihe kizogera ubone vyose we bandanya ugaragaza ubushake gusa"

Numvise ngize igishika canshi co kubona ico gihe nzobona vyose mu bibera muriyo si nshasha nari narisanzemwo maze kuva mu umubiri maze nca ndamubaza nti:"None vya kweli Imana ijuru n'umuriro birabaho?"

Nawe ati:"Imana irabaho cane, niyo soko yavyose uretse ko irengeye ubwenge bwacu ndetse igatandukana nukwo twoyibaza ariko iriho pe!"

Jewe nti:"Hama rya juru n'umuriro udahera batubwira abantu bajamwo bapfuye biri he?"

Nawe ati:"Mbe basha ndabikubwire gute! Urabona urya mugabo?"

Yantongeye urutoki kuri wa mugabo yariko aborera mumva akoma induru ati:"Urya yarapfuye nkakurya kwiwawe ariko impwemu yiwe yagumye mumubiri iguma yumva ububabare budasanzwe nubwo ubwo bubare atarubw'ukuri kuko nawe twogenda ku mva yawe twosanga umubiri wawe watanguye kubora ariko hari na kimwe wumva?"

Jewe nti:"Ni kuberiki none?"

Nawe ati:"Burya umuntu akiri kwisi ukwo akora ikibi niko impwemu yiwe iremerwa n'ibibi akora, bikaba igihushane iyo akoze ivyiza arico gutuma wewe umusi uva mumubiri wumvise uhwahutse gose"

Jewe nti:"Ariko nanje nkiri kwisi nakora ivyaha vyinshi"

Nawe ati:"Ntubeshe ariko ntamutima mubi wabikora ndetse iyo ubonye akaryo ko gukora iciza ntiwahengeshanya kuko igikuru ntivyari ibikorwa ariko wari umutima ubiherekeza"

Jewe nti:"Vyukuri?"

Nawe ati:"Rero iyo umuntu yapfuye arumunyakibi amara igihe mu mva ariko aragira ububabare budasanzwe kuko impwemu yiwe iba iremerewe nivyaha bikanka ko ibohoka ngo yidegemvye ireke umubiri ubore wonyene"

Jewe nti:"Hanyuma ivyo bikamara igihe kingana gute?"

Nawe ati:"Vyose biva kubushake bw'impwemu uretse ko umwanya wo ngaha atangero mfise nawupimisha kuko umunota umwe uzi kwisi gushobora kungana nimyaka igihumbi ngaha arico gituma kwisi batwigisha umuriro udahera bashatse kuvuga ububabare budasanzwe umuntu ashobora kumaramwo imyaka

nkigihumbi yo kwisi! Ariko igihe kizogera urya mugabo yicuze yihane asabe imbabazi hanyuma abohokere kugeragezwa kandi kugira bigagare vy'ukuri ko ukwihana kwiwe kwarukwukuri hanyuma kwemerwe Burundi"

Gushika kuruwo mwanya Sokuru wanje yaramaze kunsigurira ibitari bike nubwo nari numva nkifise ibibazo uruhuri nashaka kumubaza ariko nkiriko ndisuganya ngo ndamubaze ikindi kibazo nagiye numva ankwegana inguvu nyinshi ati:"Ngwahooo kirajeeee...

Agace 10

Nabonye tugeze ahandi hantu hatandukanye naho twari duhagaze nza numva ariruhukije ati: ‘‘Harya hantu twari duhagaze ni habi turahatswe’’

Jewe nti: ‘‘Ko numvise uvuga ngo kiraje nigiki cari kije?’’

Nawe ati: ‘‘Igitero”

Jewe nzazaniwe nti: ‘‘Igitero ca gute ca bande?’’

Nawe ati: ‘‘Umuntu ari kwisi uko agenda aragaragaza kamere yaba mbi canke nziza aba ariko ararema mwisi y’impwemu ubwoko bw’uturemwa kamwe kose kajanye ningeso aba afise, nkakarorero umubeshi aba afise akaremwa mw’isi y’impwemu yaremye buruko abeshe karakura ndetse novuga ko kaba gatunzwe n’ububeshi bwiwe niwe atuma kabaho ariko kamaze gukura niko kaba gasigaye kamwosha kubesha kagakora ivyo gashoboye kugira arushirize kubesha kuko umusi afashe ingingo yo guheba kubesha kaca gapfa gushika asubirirye kubesha.

Co kimwe nizindi ngeso zose ubusambanyi akaborerwe ishari inzigo n’ibindi vyose ico umuntu aba afise cose kiba gifise akaremwa kabi mwisi y’impwemu gatunzwe nawe mbere kakamutwara ninguvu kamubuza gutera imbere canke kubiheba, rero ukwumuntu akura nya turemwa turakura tukaba na twinshi kuburyo dukora ico twita igitero kimugendanira aho ageze hose.

Umuntu wingeso nziza nawe nyene nikwo kwuko nimba uri umuntu w’umurwaneza haba hariho akaremwa mwisi y’impwemu kamukorera kakamutera integer kubandanya uburwaneza yaba umunyampuhwe, umunyarukundo,

umunyembabazi gutyo gutyo uretse ko wewe utwo turemwa tuba ari twiza kandi wewe tutamutwara inguvu ahubwo tuzimwongereza nigihe yadendebukiwe.

Rero iyo umuntu avuye kwisi ndavuga avuye mu buzima yakirwa n'utwo turemwa iyo ari twiza tubandanya kumufasha ninyuma y'ubuzima bwo kwisi tunamushimira kubona yaratumye tubaho ariko iyo ari tubi ico tuca dukora nukumubabaza kurusha kuko aba yamaze kuva mu buzima ntaco tuba tugishoboye kumwosha ariko ico dukora tuguma tumwibutsa ibibi vyose yakoze kuko uko avyibuka nikwo agira ububabare ari naco gituma wabonye urya mugabo aguma ataka atabaza.

Burya Imana yaturemye mwishusho yayo sivyimbeshere kuko yaturemanye ububasha bwokurema kandi twama dufise ivyo turiko turarema nubwo tutabimenya rero harya twari duhagaze hari igitero cari kije c'utwo turemwa tubi kandi sivyiza ko uguma ahantu turi kuko dushobora kukwandukiza canke tukagutwara inguvu arico gituma ukwiye kuza uririnda guteba ahantu bahamba kuko haba hari ibitero vyinshi vyutwo turemwa kandi tuba dushonje cane.''

Jewe nakomeza kuguma ntangara gusa kuko ivyo bintu vyose ntanakimwe narinzi nca ndamubaza nti: ''None je nanje bite? Aha ndadufise?''

Nawe ati: ''Ego kandi turiko turagufasha cane nubwo utatubona kuko nitwo dutuma ushobora ivyo umaze gushobora vyose ndetse kenshi nitwo tunaguhumekera ivyiyumviro birya wumva bikujemwo utazi iyo bivuye rimwe na rimwe ukisanga wiyumviye ikintu c'ubwenge bukurengeye utoziga kwiyumvira''

Jewe nti: ‘‘Ushatse kuvuga ko ivyiyumviro vyose niyumvira aritwo tubinterera?’’

Nawe ati: ‘‘Oya si vyose ariko muri vyose kenshi niwe ubikora kuko twotwo ntaciyumviro turema ahubwo dufasha ubwonko bwawe gucagura ibiruta ibindi nayahandi ivyiyumviro hafi nka vyose niwewe uvyiremera uretse igihe kimwe kimwe biba ngombwa abarinzi bawe baguhumekera iciyumviro kiba gifise ico kivuze gikomeye ku buzima bwawe.’’

Yavuze abarinzi nca ngira ikindi kibazo nti: ‘‘Uvuze abarinzi ushatse kuvuga ba bamalayika barinzi nakuze numva? Canke?’’

Nawe ati: ‘‘Ego abarinzi bariho kuko kwisi honyene haba hari ibintu vyinshi vyonigira umuntu mu menshi ariko abarinzi bamugwanira ijoro n’umurango uretse ko uruhara runini aba arurw’umuntu kuko abarinzi bameze nk’ingabo ziri ku rugamba hama umuntu nawe akaba umugabisha gutsinda no gutsindwa uruhara rwose ruri ku muntu ubwiwe arico gituma haba kwisi canke hano atawuta ishavu ku kindi kintu na kimwe uretse we ubwiwe nyene kuko vyose wavyamanye mu biganza vyawe’’

Nanje nti: ‘‘Nca ngira ikindi kibazo aho nyene…’’

Nawe ati: ‘‘Ibibazo ufise nivyinshi ntawovyishurira rimwe ngo abimare ba uriga kuvyo umaze kwumva gushika aho.’’

Sokuru yaragiye nsigara ndiyumvira kuvyo yaramaze kumbwira nca nibuka…

Agace 11

Naciye nibuka umugenzi umwe yakunda kumbwira ko adatora itiro ataronse inzoga nibuka ingene ntigera ndamutahura nca ntahura ko burya bwose hari akaremwa yari yariremeye kamubuza amahoro igihe cose ataronse icupa, nibuka uwundi muhungu twigeze kubana nkiciga muri kaminuza ahantu twari dupanze nibuka umuhungu yakunda kuryamana n'abakobwa kuburyo vyanka gose akavyuka no mwijoro agiye kurondera umukobwa baryamana namafarannga yishure agaherezako.

Nsubira kwiyumvira nti: ‘‘Kuberiki koko ntamenye ibi bintu nkiri kwisi?’’

Nagiye numva umuntu avugiye inyuma yanje ati: ‘‘Wibaza ko wari gukora iki?’’

Jewe mpindukiye nsanga ni Lionel nti: ‘‘Mba naravyigishije isi ndetse nanje ubwanje mba naragaragaje ubushake bwinshi nkakora ibidasanzwe’’

Lionel: ‘‘Ivyo wakoze ni vyinshi bidasanzwe nubwo utabiha agaciro’’

Haheze akanya narikanze nti: ‘‘Wanyumvise gute ko ntariko ndavuga?’’

Aca arazunza umutwe ati: ‘‘Ariko nawe gushika nubu nturamenya ko bidakenewe ko uvugisha umunwa kugira wumvikane?’’

Jewe nti: ‘‘Bivuze ko wansomye mu vyiyumviro”

Nawe ati: ‘‘Oya nta bushobozi bwo gusoma ivyiyumviro mfise ariko hari ijwi ryindani mumuntu iyo rivuze turaryumva’’

Jewe nti: ‘‘Bigenda gute?’’

Nawe ati: ‘‘Tangura kwikuramwo ko udakeneye amatwi canke amaso kugira wumve canke ubone’’

Lionel yaciye agenda maze nanje numva ndakumbuye Olivia nca ndagenda kuraba ivyagezemwo uwo musi nca ndamusanga yagiye ku mva yanje ari kumwe n’uwundi muhungu ntashoboye kumenya numva ndapfushe nca ndegera numviriza ivyo bariko baravugana.

Olivia ati: ‘‘Wakoze kumperekeza Brian ariko numva nshaka kuba jenyene na Rod’’

Uwo muhungu bari kumwe ati: ‘‘Uri sûre ko ushaka kwigumana wenyene aha hantu?’’

Olivia: ‘‘Ego Brian’’

Brian nawe ati: ‘‘Sawa ndakurindiriye mu modoka harya kwibarabara’’

Brian yaragiye maze Olivia aca atereka ishurwe yari yazanye ku mva yanje, yari yambaye agatambara mu mutwe namarori yizuba arayakura aca yicara ku mva yanje atangura kwivugana ati:’’Rod wanje! Ehe umwaka uraheze! Hari itariki nkiyi aho wagenda unsize jenyene! Rod ndagukumbuye cane nukuri!’’

Yatanguye kurira ati:’’Mbwira nawe ko unkumbuye ndasavye! Mbwira ingene we ubigenza kugira umere neza utari kumwe nanje? Igihe wagenda nari niteze ko uzokwicuza ugasanga aho

ugiye utohashobora utari kumwe nanje ukagaruka! Ariko ndabona waragiye uherayo! Chr ntanuko umpfuhira koko? Wiyumva gute iyo ubonye uwundi muhungu atari wewe ankozeko? Mbwira basi ko bikurya ukabura ukwo ugira!’’

Aho nari ndi nisanze nanje ndiko ndarira cane kuburyo numvise agahinda katagira ukwo kangana kuko buri jamabo yavuga ryari rimeze nkinkota insogota mu mutima, nsubira kwibuka kahise kanje na Olivia imigambi yose twari dufise kuzorangurira hamwe, nibuka ingene twaraba imbere tukabona kazoza tutari kumwe katobaho, nibuka amasezerano tutasiba guhana buri musi.

Ariko nkibuka ko vyose vyapfuye ubu hagati ya jewe na we hasigaye hari ikirere kidutandukanya, ikirere nasubiye kwumva nanse kuko cambuza kumuhobera, kigatuma umwana nakunze arira agahogora kubera jewe hama sinshobore no kumuhoza.

Agahinda nagize kari karenze ako nigeze kugira aho nagiye mbona…

Agace 12

Nagiye mbona Olivia ahindukira araba uruhande nari mpagazemwo ndakangukwa ntangura kwiyumvira uburyo yoba ariko arambona maze ndanahindukira ndaba inyuma yanje mbona nta mpuntu ariyo nza mbona arahagurutse aje ariruka agana aho ndi ashika amera nkuwumpobera nanje ukwo nagakangutswe niko nawe yaciye asubira guhagarara aguma yeraguza bigaragara ko atari akiriko arambona.

Yaracitse intege aca yicara hasi aguma arira aho Brian yaciye aza aramuhagurutse agenda aramuhoza gushika ku modoka baca baragenda nsigara nicurikiye niyumvira vyinshi, maze nsubira kwibaza ingene Olivia yahatswe kumbona numva ngize amakenga nikwo kuca ndondera Lionel ngo ndamubaze.

Ariko nkiri murivyo numvise ijwi rya Sokuru ndarimenya ati: ‘‘Igihe kirageze’’

Jewe nti: ‘‘Igihe c’iki?’’

Nawe ati: ‘‘Co kurenguka ukagererwa ingero ihwanye n’ibikorwa vyawe!’’

Numvise nkangutswe ngira n’ubwoba ntangura kwibaza ahantu ngira ndengutswe kumutima nti: ‘‘Noba ngira nje guhura n’Imana ga basha?’’

Nagiye numva atwenga ati: ‘‘Hahaha ariko nawe ugira ubwoba bw’ubusa!’’

Jewe nti: ‘‘Bwubusa uravuga? Nkaha wosanga ngira nje guhura n’Imana ikaba igira injugunye mu muriro naho?’’

Nawe ati: ‘‘Ariko ivyo bintu mwihaye vyo kwishiramwo ko Imana ariyo kubajugunya mumuriro nibiki?’’

Jewe nti: ‘‘None ukagira sinavyigishijwe?’’

Nawe ati: ‘‘Oya pe! Abantu babanyakibi batagira ubutunganye butunganye, nta muvyeyi yofata umwana wiwe yakoze ikosa ngo ace amwica! None abantu babi bashobora kugira impuhwe n’imbabazi Imana yo soko yavyo niyo yoca ikora ibintu nkivyo? Ntiyoba ikibaye Rukundo na Mbabazi!’’

Jewe nti: ‘‘Ivyo uriko ubivuga ngo umpumurize gusa ndabizi’’

Nawe ati: ‘‘Ariko nyene iyo umwana akosheje arahanwa ariko ntiyakwa amahirwe yo gusubira kugerageza ahubwo mbwira uriteguye kurenguka?’’

Jewe nti: ‘‘Hari yandi mahitamwo mfise?’’

Nawe ati: ‘‘Ego urayafise yo kubandanya uzerera gushika igihe uzokwumva ubirambiwe ariko nubundi urutari bugusimbe rwokubanza’’

Jewe nti: ‘‘Ariko hagupfa uno musi wopfa ejo’’

Nawe ati: ‘‘Sawa rero ndigiriye”

Jewe nti: ‘‘Oya tugende reka mbumugabo’’

Yamfashe ukuboko inyuma yakanya gato nagiye mbona duserukira ahantu hari umuco mwinshi cane kuburyo naciye nipfuka mu maso kuko nari numva amaso amenetse kuburyo vyanyankiye ko mbasha kubona ikintu na kimwe aruko ukwo hahera akanya natanguye kubona ivyijiji vy’ibintu bisa n’abantu gushika aho inyuma y’umwanya nafunguye amaso nkabona neza.

Nisanze mpagaze ahantu imbere y'abantu benshi bamabara y'urukoba atandukanye, abirabure abazungu abarabu eka n'ubundi bwoko bw'abantu basa ukuntu gutandukanye n'abari kwisi aho ndibuka nagiye mbona umuntu umwe w'umugabo yarafise urukoba rugomba gusa n'ubururu ahaguruka aza ansanga ati: ''Karibu cane Yelahiah"

Je narakangutswe bose barabibona nza numva avuze ati: ''Oh wikanze kubera ndaguhamagaye Yelahiah ? Erega niryo zina ryawe wamanye kuva na kera nubwo utavyibuka kuko Rodrigue niryo wiswe kwisi ariko mwisi y'impwemu wamanye izina ryawe ariryo Yelahiah karibu rero urisanga mu muryango!''

Niahuranye amakenga nti: ''Okay mu…mu…rakoze''

Nawe ati: ''Come on!''

Yahindukiye araba abandi ati: ''Ndabira ingene yapafye umenga n'impene bajanye kumacuniro"

Bose batwengeye rimwe nsanga naje natwenze nubwo ntari nzi ko bariko barantwengera canke bariko barantwenga gusa menya ko atayandi mahitamwo nari mfise uretse kurindira nkaraba iyo bija.

Yasubiye kuvuga ati: ''Mubona gute duhereye kumuha ingabire yiwe imbere yo kumusigurira kugira tumwereke ko atampamvu yo kugira ubwoba?''

Bose badugije ibiganza birekana ikiganza gipfunze n'urukumu ruraba hejuru bemeranya nawe niho yaca avuga cane ati:''Alors! Que la fête commences!''

Nagiye mbona…

Agace 13

Nabonye banzanira igitabo canditseko rya zina ryanje Yelahiah maze umwe yanyakira aravuga ati:’’Akira iki gitabo ni yo mpano wabikiwe iyi myaka yose! Uze ukibungabunge uze uzirikane ivyanditsemwo vyose ubirimbure buri gihe kuko nico kirimwo amakuru yose y’urugendo rwawe kwisi no mwisi y’impwemu’’

Numvise ntangaye nti: ‘‘Kwisi? Harurugendo nkifise kwisi?’’

Banse kunyishura ahubwo baguma bakoma amashi ntangura nkiriko ndiyumvira nagiye mbona umukobwa mwiza cane aje ariruka ndetse buruko namuraba nabona umenga haraho ndamuzi ariko sindahabone neza maze nawe aguma anza angana antwengera cane bigaragara ko amfitiye igishika cinshi nubwo je ntari nzi nakimwe.

Nabonye umukobwa ankwenga anjana ahantu twisanze turi twenyene maze ansimbirako atangura kunsomagura aguma avuga: ‘‘Yela wanje nari ndagukumbuye!’’

Naciye ndamwiyaka nti: ‘‘Umbabarire kubona ndiko ndabisha ibihe be nibi vyimboneka rimwe ariko nukuri sindiko ndatahura na kimwe ndetse na wewe ubwawe sinakumenya woshobora kunsigurira ibi vyose?’’

Nabonye umukobwa yiyamamura yiyaga mu mutwe ati: ‘‘Arhhhhhh! Gushika nubu nturibuka na kimwe!’’

Natanguye kwibaza ico nategerezwa kuba nibutse ariko ntariko ndibuka ndakibura nca ndamubaz nti: ‘‘Nibuka iki?’’

Yatanguye kunkubita mu mugongo ati: ‘‘Yela! Nokwica hamwe koba aragakino uriko urankina!’’

Jewe nti: ‘‘Ariko je ndiko ndarenganywa Pe! Ushaka nibuke iki kijanye nino si kandi aribwo nkiyijemwo?’’

Nawe ati: ‘‘Nyanyanya! Ingene gisa!’’

Yanshikuye ca gitabo nari nkifise mu munwe maze arazingurura kurupapuro rwa mbere ati:’’Soma ngaha’’

Natanguye gusoma ivyanditseko vyavuga ngo: ‘‘Jewe Yelahiah, ngiye kuja kwisi yabanyamubiri, isi yo kugeragezwa, isi yo gupimwa, isi yo kwigiramwo, isi yo gutereramwo imbere, niyemeje ko nzokora ikanjanye nkirinda gusamazwa nibihendo vyayo maze nkashitsa ico navuzweko arico canditse muriki gitabo cose…’’

Narikanze nti:’’Ibi n’ibiki?’’

Yakomeje kuzungurutsa umutwe ati: ‘‘None ndahera he ndagusigurira!’’

Jewe nti: ‘‘Biroroshe! Hera kuntango ya vyose!’’

Nawe ati: ‘‘Oya kuntango ntitwobivamwo ariko…biraboneka ko ukicugaraniye mu vyiyumviro vyabanyamubiri arico gituma ivyo mwisi y’impwemu atanakimwe utahura!’’

Jewe nti: ‘‘None ndabigenze gute?’’

Nawe ati: ‘‘Genda usome ico gitabo”

Ubwo umukobwa yaciye agenda nanje nca ndicara ntangura kuzingurura aho nabonye ahanditse ngo: ‘‘Ninamara kuja mu mubiri, nzokwiyumvira nkabanyamubiri, nkore nkabo,

ntaciyumviro nzoba mfise c’ubushobozi butekeye muri jewe, kizoba arigihe co gucishwa bugufi ariko igihe kizogera mpishurirwe uwo ndiwe, maze nzomera nka ya nkukuma yari yakuze izi ko iri imbata yo gukwega amaguru hasi maze menye uwo ndiwe umuhigo wa mbere uzoba kugira mu bicu!’’

Nabandanije kugenda nzigurura aho nabonye ahandi handitse…

Agace 14

“Inkomoko yanje” numva ngize igishika co kumenya vyukuri inkomoko yanje nca ntangura gusoma hagira hati: ‘‘Imbere na mbere narabayeho, mwisi y’impwemu nkomotse ku bwoko bw’abayeli, niho narerewe nigishwa vyose bijanye n’ubuzima bw’impwemu, igeragezwa rya mbere narikoreye ku mubumbe wa Magu, aho nashoboye ku…’’

Nkiriko ndasoma nagiye numva ijwi ndarimenya ryari irya Sokuru yarambajije ati: ‘‘Ivyo uriko urasoma urabitahura?’’

Jewe nti: ‘‘Nobitahura gute ntaronse uwunsigurira?’’

Nawe yaciye aza anyicara iruhande ati: ‘‘Ndabona uriko usoma inkomoko yawe nigiki utaratahura gushika aho ugejeje?’’

Jewe nti: ‘‘Hmm! Vuga ahubwo ko ntanakimwe ndatahura vyose ninkicarabu”

Nawe ati: ‘‘Birumvikana kuko hariho impamvu utavyibuka kandi ariwe wavyiyandikiye iyo mpamvu uzoyimenya’’

Yatanguye kunsigurira ati: ‘‘Uretse Imana yonyene ibintu vyose bigira intango kuko Imana niyo ituma bibaho. Imana ni Impwemu ndetse nivyo irema biba ari impwemu kuko isase riva ku cuma.

Impwemu iravuka ikavukira mwisi y’impwemu yamutse kuyindi mpwemu mu buryo ntoshobora kugusigurira kuko ntamajambo yo kubisigura noronka ndetse nawe ubwawe bivanye nigihe ugezemwo ntibikunda ko ubitahura mwuwu mwanya ariko menya ko ubwoko bw’impwemu uvamwo ni abayeli ari naco gituma witwa Yelahiah.

Iyo impwemu ivutse igenda iriga amatageko agenga ubuzima bw'impwemu ndetse ukwo igenda iratahura yongera yitahura niko igaragaza ubushobozi butandukanye bwo gukora ibintu.

Rero iyo yahejeje ico ngereranya nishure rya mbere haragera igihe c'igeragezwa kurya kwisi habaho igihe co kubazwa ivyo wigishije kugira barabe ko ivyigwa wabitahuye vyukuri.

Rero ico gihe c'igeragezwa niho impwemu ica yinjira mu mubiri ikaja kugeragerezwa mu banyamubiri kwisi''

Jewe naciye ndamuciramwo nti: ''Kwisi? Bivuze ko umuntu avuka kwisi yaramaze kubaho mwisi y'impwemu imbere?''

Nawe ati: ''Cane"

Nanje nti: ''None kuberiki aja kugeragerezwa mwisi kandi atariyo yigiye?''

Nawe ati: ''Umuganga yigira kuvura mwishure ariko ategezwa kuja mu bitaro kugerageza ivyo yize''

Jewe nti: ''Nibihe bintu umuntu aba yigiye mwisi y'impwemu aritegeko kuja kugeragereza mwisi y'abanyamubiri?''

Nawe ati: ''Ica mbere kiza hejuru ya vyose ni Urukundo''

Jewe nti: ''Uvuze urukundo uvuze rurya umuhungu n'umukobwa bakundana?''

Nawe aca aratwenga ati: ''Hahaha! Oya rurya si n'urukundo mbere!''

Jewe nti: ''Hmm none ni iki nimba atari urukundo?''

Nawe ati: ‘‘Birya ni ugukwegana kw’inguvu zibiri zibintu bibiri bitandukanye kurya mwavyize muri Chimie ko les deux charges de signes opposées s’attirent ubundi urukundo ni ikintu kirengeye ivyo!’’

Jewe nti: ‘‘Ngaho mbwira rero urwo rukundo uvuga ni uruhe?’’

Nawe ati: ‘‘Uraruzi ndetse isi yose iraruzi kuko yarwigishijwe uhereye ku ntango ninarwo Yezu yaje gusubira kutwibutsa aho yatanze insiguro ihagije yarwo mw’ijambo yavuze ati ‘Ukunde mugenzawe nk’uko wikunda’’

Jewe nti: ‘‘None nkunze umukobwa si urukundo rurya?’’

Nawe ati: ‘‘Vyoshoboka ariko kenshi kuba ari ukwikunda’’

Jewe nti: ‘‘Gute kandi mba namukunze vyasaze nkata numutwe’’

Nawe ati: ‘‘Nkubu wewe ufise ico nkeneye nanje nkafita ico ukeneye hama tukaronderana kugira dukemure umwe wese ibibazo vyiwe urwo ni urukundo ku bwawe?’’

Jewe nti: ‘‘Biragoye’’

Nawe ati: ‘‘Mu bisanzwe ni ukwikunda kwabantu babiri kuba kubahuje kandi ukwikunda ni igihushane c’urukundo nyakuri’’

Akiriko arambwira twagiye tubona…

Agace 15

Twagiye tubona wa mukobwa agarutse nza numva Sogo avuze ati: ‘‘Ah! Yelilah wamubonye Yelahiah?’’

Nawe ati: ‘‘hum! Umuntu atananyibuka!’’

Nawe ati: ‘‘Ibi urabizi ko arivy’akanya gato ariko?’’

Nanje nti: ‘‘Bandanya unsigurira ndasavye’’

Ubwo uwo nari maze kumenya ko yitwa Yelilah kandi bigaragara ko twoba tuzinanye nubwo muruwo mwanya ntari nibuka na kimwe yarasubiye kugenda nsubira gusigarana na Sogo abandanya ansigurira aho yaciye ambaza ati: ‘‘Mbega harya twari tugeze he?’’

Jewe nti: ‘‘Wariko umbwira uburyo kwi si ivyo twita urukundo atari urukundo nyakuri ahubwo ari ukwikunda’’

Aca ambwira ati: ‘‘Nivyo uzovyigeko neza ubisuzume uzosanga arivyo!’’

Nanje nti: ‘‘Bandanya rero unsigurira nguteze yompi”

Sogo ati: ‘‘Rero imbere yo kuja kwi si uritegura bihagije ndetse akiha n’ihangiro ashaka kuzoshikako mu buzima ari yo twokwita impamvu y’ubuzima bw’umuntu kwi si.

Ariko umaze gushika mu mubiri impwemu imera nkiyimizwe n’umubiri maze kubera uca utangura kwiyumvirisha ubwonko, uca wibagira vyose ariko ntuba uvyibagiye burundu kuko mu mpwemu yawe ukuri kwose uba ukuzi.

Ukwo umuntu akura kwisi hari ibintu agenda ariyumvamwo atazi impamvu niyo biva, ugasanga nkumuntu yiyumvamwo gutwara abandi, kuba umuhanzi, canke umwanditsi, n'ibindi n'ibindi aho kenshi aba ari impwemu yiwe iriko irageraageza kumwibutsa icamuzanye kwi si.

Kwi si umuntu wese aba afise amahitamwo abiri, gukurikira amakuru ahabwa n'abisi canke gukurikira amakuru ahabwa n'impwemu yiwe biciye mu bintu agenda ariyumvamwo.''

Jewe nti: ''None kuberiki jewe ntibuka na kimwe kandi ntakiri kwisi y'abazima?''

Nawe ati: ''Igihe kizogera utahure vyose ubu bandanya usoma ico gitabo''

Sogokuru yarahagurutse aragenda aho nanje nasigaye ndasoma ca gitabo aho nanje kubona ahantu handitse ngo: ''Kwisi ibizombako vyose uruhara rwose azoba ari rwanje kuko ninje nzokwikwegera ibizombako vyose vyaba bibi canke vyiza…''

Narakangutswe ntangura kwibaza ingene ivyambayeko vyose kwisi aruruhara rwanje numva sindabitahuye neza ndetse naranse no kuvyemera kuko natanguye kwibaza ingene kwisi hari abantu bahiriwe abandi bagowe rero kwumva ko buri wese yari amahitamwo yiwe numva ntonavyemera.

Ibibazo vyabaye vyinshi mbura uwunsigurira mwuwo mwanya nca mba ndahagaritse gusoma ahubwo nca ndahaguruka ntangura kugenda ndihweza buri kimwe aribwo nabonye ko burya bwose hari ibintu natanguye kubona ntahora mbona.

Nari muyindi si ariko kuva kuntango nabona umenga ndacari kwisi kuko nabona amazu ikirere abantu n’ibintu kurya abari kwisi babibona uretse ko je nagendagendera mu kirere kandi atacari kinyegejwe mu biri kwisi ndetse ninjira ahantu hose ntampanje guca mu muryango.

Ariko harikintu natanguye kubona ku bantu bari kwisi, buri umwe wese yarakikujwe n’umuco w’amabara aho buri wese yarafise ibara ryiwe ndetse ndavye neza ibara ryagenda rirahinduka bivanye nigihe nubwo ntamenye neza ico vyose bivako kugira iryo bara ry’umuco nabona ku muntu rihinduke bivanye nigihe.

Ndavyibuka ko nasubiye kuja kuraba Olivia nsanga araryamye maze nanje nguma ndamwitegereza asinziriye ariko haheze akanya nagiye mbona: ‘‘…

Agace 16

Nagiye mbona Olivia avamwo babiri ndakangukwa mbona umwe asigaye aryamye uwundi arahagurutse aca arambona ati: ‘‘Yelahiah!’’

Jewe ntangaye nti: ‘‘what? Uzi gute ko nitwa Yelahiah?’’

Nawe abandanya andaba atangaye ati: ‘‘Ahubwo wewe kuberiki umbajije ico kibazo?’’

Natanguye kwibaza ibintu biriko biraba ntangura kwibaza none Olivia yoba yapfiriye mwitiro? Niko kuca negera umwe yararyamye ndamwitegereje mbona aracahema neza nkumuntu asinziriye bisanzwe nca ndasubira ndahindukira nti: ‘‘Wabigenje gute?’’

Ataranyishura nabonye asubira muri wa mu buri waruryamye bukwi bukwi na bukwi haheze akanya nabonye umwango wugurutse nca mbona Maman wiwe arinjiya aca aramukangura ati: ‘‘Olivia! Mbe uno musi ntuja kukazi?’’

Yaciye yikangura yigorora nditega ko andaba aho nari mpagaze kuko sinigeze mpindura ikibanza igihe twavugana ariko nabonye akora ivyiwe nkaho atacabaye nyoberwa ico kintu cari gihejeje kuba.

Uretse ko inyuma yigihe naje kumenya ko umuntu wese asinziriye ava mu mubiri agasubira mwisi y’impwemu aho aba afise ivyiyumviro bitandukanye n’ivyo agira ari kwisi kuko mwisi y’impwemu aba yitwa izina ryiwe ry’impwemu ndetse akabonana nizindi mpwemu zabantu bari kwisi baba basohotse imibiri yabo basinziriye canke agahura nimpwemu zabantu bapfuye bahora

bazinanye gushika yikanguye aho ubwenge busigarana ibice bimwe bimwe vy’ivyo yabonye bikaba nkindoto.

Igihe caragiye menya vyinshi kubijanye nubuzima bw’impwemu aho ndetse natanguye kubona izindi mpwemu zitandukanye turamenyana zigenda ziransigurira ibintu bitandukanye aho nibuka imwe yitwa Ziriel yansiguriye uburyo ki umuntu ariwe yikwegera ibimubako vyose ati:

‘‘Ubutunzi bwa mbere Imana yaduhaye ni ubushobozi bwo kwiyumvira, kuko ibintu vyose bimaze kubaho kuva amasi yose yaremwa vyaremwe kubw’ivyiyumviro ibi na biriya.

Iciyumviro cose wiyumviye n’ikintu uba wubatse mw’isi y’impwemu ubwambere hanyuma ubandanije uciyumvira kirateba kikagaragara kwisi y’ibigaragara.

Ivyiyumviro n’ubushobozi burema ariko kandi ni ubushobozi bukwega ibintu canke abantu, mbe wibaza ko kugira abantu bahure aribintu vy’icaduka bihaba?

Abantu babiri kugira bahure nuko haba hari ivyiyumviro vyinshi bahuje batarahura hama ivyiyumviro bikakwega ibihe bituma bisanga bahuye hanyuma kugira bahuze naho naho nuko umwe abona muwundi igicapo c’iciyumviro c’icipfuzo kiba kiri indani muri we adatahura.

Iyaba abantu botahura ubushobozi batekeye bakabukoresha bwose isi boshobora kuyihindura ikintu batarigera biyumvira ariko benshi umwanya munini bawufata bariko barondera ibibasamaza bakisanga bariko biyumvira ibintu batazi ko arivyo bariko barakwega mu buzima bwabo.

Umuntu wese ari ukwo yiyumvira, kandi agendana nabiyumvira ibisa nivyo biyumvira kuko ndabizi nawe urazi ko ibisa bijana.’’

Namubajije nti: ‘‘None bigenda gute kugira umuntu yisange avukiye aha canke hariya umwe ameze neza uwundi amugaye nkakarorero kandi atari bwiyumvire?’’

Nawe ati: ‘‘Umuntu ntatangura kwiyumvira avutse kuva akiri mwisi y’Impwemu yariyumvira ari naho ubonera abana bavuka bagakurana ingeso canke imyimerere atanumwe atahura iyo yayikuye.

Iruhande y’ivyo kandi wibuke ko ubuzima bwo mumubiri ari igeragezwa rero bivanye nishure uba ugezemwo nigeragezwa ukora urihejeje riratandukanye ariho mu buzima bumwe ushobora kuvukira mu muryango umeze neza vyose vyuzuye mu bundi buzima ukavukira mu bukene butagira izina ariko vyose biba bifise ico vyigisha impwemu y’uwo muntu ari nayo mpamvu wama wumva bavuga ko ata kabura imvo’’

Jewe nti: ‘‘Bivuze ko umuntu aba yarigeze kubaho ikindi gihe mubundi buzima?’’

Nawe ati: ‘‘Cane biranafasha kuriha no gukosora ivyo wakoze mu buzima bw’imbere’’

Jewe nti: ‘‘Gute?’’

Nawe ati: ‘‘Nkakarorero umwicanyi mu buzima bumwe kugira yige ko kwica atari vyiza ashobora kuvukira mu bundi buzima kuba impfuvyi, uwasuzuguye ibimuga mu buzima bumwe ashobora kuvukira mu bundi buzima ari ikimuga kugira yige guca bugufi, gutyo gutyo’’

Jewe nti:’’None kuberiki kwisi atanumwe arigera abihishurirwa ibi bintu?’’

Nawe ati:’’Bose barabizi gusa…

Agace 17

Nawe ati:’’Bose barabizi gusa ntibabizi nkabanyamubiri babizi mu buryo bw’impwemu zabo indani muri bo ariko igihe kizogera isi yose ivyizere ariko haracasigaye igihe’’

Jewe nti: ‘‘Hanyuma urya muco mbona ukikuje buri muntu usigura iki?’’

Nawe ati: ‘‘Mubisanzwe impwemu y’umuntu niwe muntu w’ukuri ikibiribiri ni nkinzu y’impwemu hanyuma impwemu nayo ni ubwoko bwinguvu bufata ishusho yose bivanye naho igeze ku muntu rero ari kwisi urya muco ubona ni impwemu yiwe nayo igahindura ibara bivanye nukwo yiyumva ashavuye canke anezerewe gutyo gutyo’’

Jewe nti: ‘‘Hanyuma ngaha mwisi y’impwemu mubayeho gute’’

Nawe ati: ‘‘Ngaha ni muhira h’impwemu zose iyo ziri kumibumbe itandukanye, buri imwe iyo ivuye mwigeragezwa kwisi itaha isubira mwisi y’impwemu igahabwa ibikwiranye nivyo yakoreye ikiri mu mubiri ingene ibintu bikora mwisi y’impwemu ntiwobitahurira rimwe vyose’’

Nanje nti: ‘‘Kuberiki?’’

Nawe ati: ‘‘Kubera uracari mu mubiri izi nindoto urimwo’’

Jewe nti: ‘‘Saaaa?’’

Nawe ati: ‘‘Izi nindoto abantu bose bari kwisi bagira ariko bibagira bikanguye’’

Jewe nti: ‘‘Kuberiki baca bazibagira?’’

Nawe ati: ‘‘Kubera ubwonko bw’umubiri wabo atakibanza gikwiye bufise co kubikamwo amakuru yose baronka iyo baje mwisi y’impwemu basinziriye ariko barasigarana igicapo kimwe kimwe’’

Jewe nti: ‘‘Bivuze ko nanje ngaha niyo nikangura nca nza kuvyibagira ibi vyose?’’

Nawe ati: ‘Oya kuko wewe nubwo utabizi ur’impwemu itandukanye nizindi’’

Jewe nti: ‘‘Kuberiki atariryambere ndabibwiwe’’

Nawe ati: ‘‘Igihe kirageze ngo ukore icakujanye kwisi’’

Nanje nti: ‘‘Kwisi najanywe n’iki rero?’’

Nawe ati: ‘‘Kwisi ntiwagiye mwigeragezwa nkabandi ariko wagiye gufasha abari mwigeragezwa gutahura ko vyose arivyakanya gato.

Genda ubwire abanyamubiri bose ko kwisi atari muhira ariko ari ku rugamba aho buri wese ariko ageragezwa agwana n’ikibi giterwa n’ukwikunda aho uwuzonesha azohabwa igitsibo c’ubutwari ariko uwuzohendwa n’ivyisi akinezereza ataco yinona azotahira kumaramara niyamara kuva mu mubiri agasanga vyose vyari ubusa bw’ibihendo vy’isi.

Genda ubwire ko urupfu ku banesha ari umwidegemvyo ariko ku baneshwa ari agasho karuta umubiri uri kwisi.

Genda ubabwire ko batari bonyene, ko bakikujwe n’impwemu nyinshi zibashigikira igihe cose bazambaje biciye mu gusenga bizeye ariko hakabaho nizindi mbi zatsinzwe zikiri kwisi zitahana

igitsibo c’ibimaramare kuko zitashoboye kwihanganira ibihendo vy’isi vyakwega ukwikunda kwazo.

Izo ari nazo zikora ukwo zishoboye kwose kugira zibabuze gutsinda kuko zirabapfuhira cane’’

Jewe nti: ‘‘Gute none umuntu yozirindi?’’

Nawe ati: ‘‘Buri wese akore ibishoboka agumize ivyiyumviro ku bikorwa vyiza vyose birongorwa na rwa rukundo Yezu yigisha canke izindi ntumwa isi yagiye iraronka, rwa rundi rwo gukunda mugenzawe nkuko wikunda, rwa rundi ruvuga ko co utipfuza ko bagukorera ntugikorere abandi.

Genda ubigishe ko idini ry’ukuri atari ukwama mwisengero canke mumisigiti ariko arukurongorwa n’urukundo muri vyose maze umunyenkomezi agakomeza umunyantegenke, umutunzi atunganirwe no gutunga umworo.

Ubabwire ko uwamenye Imana atari uwuvuga bibiliya cake ikorowani kurusha abandi ariko ari uwamenye Urukundo rw’ukuri maze akarushira imbere mu buzima bwiwe.

Genda ubibutse ko ubuzima kwisi arubw’akanya gato hama bacunguze umwanya umwete bakore ikiruta ikindi kuko umwanya wose batakaza ubabikira ukwicuza muri kazoza kutagira ukwo kungana.

Genda ubwire abiyita ko bazi Imana kurusha abandi bitwaje ubwenge bwabo ko igihe kizogera bagataha hanyuma basange abo bayigisha barabarusha kuyimenya kuko Imana iri mu mutima w’Impwemu yose yaba iyiri kwisi canke iyiri mw’isi y’impwemu

kuko impwemu ubwayo ni akabuto kamuka ku MPWEMU nkuru ariyo Mana.

Genda ubabwire ko uwiyumvamwo ko abereye kwigisha abandi Imana ko akwiye kwigisha urukundo akoresheje ibikorwa bisunitswe n'urukundo atari amajambo menshi y'ubwenge bwabantu amara amasaha.

Genda ubabwire ko ubutunzi bwisi buriho kugira bubakorere atari kugira babukorere kuko ubutunzi nyakuri buri muhira iyo baje bava kandi bategezwa kuzosubira inyuma yigihe gito c'igeragezwa.

Nivyinshi twokubwira uzobabwire kugire ubakure mu kutamenya kwishe abari kwisi, ariko uri Impwemu idasanzwe uzovuga uvugishwe ndaciye bugufi imbere yawe kuko ndi muto cane kuri wewe nubwo utabizi muruyu mwanya''

Nagiye mbona…

Agace 18

Nagiye mbona impwemu nyinshi ziza zirankukiza aho harimwo abo twari tumaze kumenyana ntibagiye sokuru, Lionel, Ziriel, Yelilah n'abandi hanyuma batanguye kuvugira rimwe amajambo mururimi ntashoboye gutahura haheze akanya numva ntanguye kumanuka nkuwuriko arakoroka mu manga gushika aho nagiye mbona nsahutse.

Nitegereje nibona nsinkiri hahantu nari ndi, ndavye mbona umuco mwidirisha, mbona ndi mu cumba canje co kwisi ntangura kwibaza ivyambayeko kuko je narinzi ko napfuye kumbe zose zari indoto.

Natanguye kwibaza ubwoko bwindoto nari naraye ngize iryo joro numva ndatangaye cane niko kuca ntora icarnet yanje ntangura kwandika ivyo nabonye vyose nivyo nabwiwe vyose.

Mpejeje ntangura kwibaza nti: ‘‘None harakurikira iki? Izo ndoto ndazirotorera isi canke ndazihoze? Ko nzi bazomfata nkumusazi igihe cose nzobumbura umunwa nkavuga ivyo nabonye n'ivyo numvise muri izi ndoto?

Mbega ubundi bwo sinoba nasaze vya nyavyo? Nigiki kinyemeza ko atari ubwonko buriko burankina agakino ntazi? Vyose birashoboka’’

Nkiri muri vyo nagiye numva Telefone isonye ndavye mbona ni Olivia nitaba bwangu kuko nari numva ndamukumbuye nkaho umenga vy'ukuri ndamuheruka kera kandi imbere yo gutaha kuryama mwiryo joro twari kumwe icari gitangaje.

Nanyereje urutoki ku kiyo ca terefone yanje nshira kugutwi nti: ‘‘Yambi Chr! Urazi ko nari nagukumbuye?’’

Nawe ati: ‘‘Urazi ko naraye ndakurota honyene? Aha ndagufonye kugira ndakubaze impamvu umpindura akajuju gushika naho wigarurira indoto zanje’’

Nanje nti: ‘‘Hahaha none Chr kunkarira jewe ngaho nturiko urandenganya?’’

Nawe ati: ‘‘Nyene nsigurira ibanga ukoresha nimba waranandonze mbeho ndabizi”

Nanje nti: ‘‘Mbe nyene warose iki?’’

Nawe ati: ‘‘Banza umbwire ivyo warose nawe!’’

Jewe nti: ‘‘Narose napfuye’’

Nawe ati: ‘‘Mwizina rya Yesu cuhora ndumva waratewe namadayimoni je nije naronse gusa natangajwe ningene naguhamagaye izina ntazi!’’

Jewe narakangutswe nti: ‘‘Irihe Chr?’’

Nawe ati: ‘‘Mbe nyene ko ndaryibagiye! Nyamba ari Leli…Chr ndaryibagiye gusa ryari bizarre nyene ntaryo nari bwumve sinzi niyo narikuye mu ndoto”

Nanje nti: ‘‘Yelahiah?’’

Nawe:’’Ego! Hmmm! Chr ubimenye gute?’’

Jewe nti: ‘‘Hhhh naritomboje!’’

Nawe ati:’’Oya ntibibaho ahubwo utanguye kuntera ubwoba Chr!’’

Jewe nti: ‘‘Humura nuko nanje indoto nagize nari nitwa iryo zina nyene ahubwo ntanganjwe ningene twabiroteye rimwe!’’

Nawe ati: ‘‘Chr ndaje kukuraba umbwire neza kuko numva biteye amakenga!’’

Olivia yavuye kurifone nca ndahaguruka ngenda kwihumura maze mba ndakora isalade nshira mu mikate ibiri nsuka nicaye mudutasi tubiri bihurirana Olivia ashitse nkuko bisanzwe mbanza kumusom gushika aho nari nibagiye nuko nasutse icayi nca ndamubwira nti:

“Rega nawe nkwiye kugusubirako!’’

Nawe ati: ‘‘Gute vraiment?’’

Jewe nti: ‘‘Iyo duhuye utuma nibagira nivyo nari ndimwo urazi ubu ko icayi kiza cahoze’’

Nawe ati: ‘‘None icayi na jewe ninde atesa?’’

Jewe: ‘‘Icayi kuko nico gisosa’’

Nawe ati: ‘‘Nanje wihende usubire kunsoma ndaguca uwo munwa’’

Twakomeje guterana amajambo na Olivia nkuko iteka iyo duhuye ariko vyagenda ari navyo vyatuma numva irungu igihe cose naba ntari kumwe nawe.

Nagiye kumuriri Olivia indoto zose narose nza numva ambwiye ati:…

Agace 19

Olivia yambwiye ati: ‘‘Urazi none Chr! Tugende!’’

Jewe ntangaye nti: ‘‘Tuje hehe?”

Yarahagurutse ankwega ukuboko ati: ‘‘Ingo we gusa”

Jewe nti: ‘‘Reka basi tubanze tunywe icayi”

Olivia yatoye icayi cari cahoze aca arakigotomera maze atora umukate ati: ‘‘Umukate turagenda turawurira mu modoka Chr ingo ndakwereke ahantu tujana’’

Nanje nakoze nkawe maze turasohoka ndungara maze natsa I modoka ngenda ndakurikiza amerekezo yanyereka gushika nisanze duserukiye iwabo nti: ‘‘Chr muhira iwanyu tuje gukora iki none?’’

Nawe ati: ‘‘Guma ngaha ndaje”

Yinjiye mu nzu haheze akanya mbona asohokanye na Tresor musaza wiwe maze baca barinjira mu modoka je nca ndaramutsa Tresor nti: ‘‘Yo bro vipi?’’

Nawe ati: ‘‘Nimpore nuko gusa mbona Olivia ankweze buhutihuti ubwo namahoro?’’

Olivia ati: ‘‘Suuuu! Nimureke kuvuga ibidakenewe! Tresor subira umubwire vya bintu vyawe ingene vyatanguye!’’

Tresor arikanga ati: ‘‘Kubera?’’

Olivia ati: ‘‘Hariho impamvu we nyizere ntangorane’’

Tresor yamanje guhigima haheze akanya aca aravuga ati: ‘‘Vyatanguye kuva nkiri umwana aho naba ndiko ndagenda mwibarabara nkabona ibintu ariko ndavyeretse abo twaba turi kumwe nkasanga ntavyo babona’’

Numvise ntangaye nti: ‘‘Hmm wabona ibintu bimeze gute?’’

Nawe ati: ‘‘Amasura yabantu ntazi baguma bandaba bakankurikira aho nja hose gushika umusi ndababuza kunkurikira’’

Jewe nti: ‘‘Barabantu bameze gute?’’

Nawe ati: ‘‘Basanzwe gusa barabantu ntazi icantangaza nuko baguma bampamagara izina ntazi’’

Nanje nti: ‘‘Baguhamagara gute?’’

Nawe ati: ‘‘Ziriel bakambwira ko nkwiye kurondera uwitwa Yelahiah na Yelilah’’

Jewe nari numiwe neza numva arabandanije ati: ‘‘Narabivuze muhira baca banjana ku muganga wingwara zo mumutwe’’

Olivia ati: ‘‘Ndavyibuka nukuri twese gushika nubu tuzi ko Tresor budatonze neza kuko hari ibintu ahora avuga ntitumenye iyo abikura umwanya umwe tukagira ko aramafilm menshi yaravye abituma ariko uburyo abivugamwo ashimitse nivyo bidutera ubwoba’’

Tresor yarabandanije ati: ‘‘Mbona ibintu vyinshi gushika ubu ntarashobora kuronkera insiguro kuko nkibintu vyinshi bigira bibe ndavyivyumvamwo ndetse rimwe na rimwe nkabibona bitaraba’’

Olivia ati: ‘‘Nivyo ivyo nobishingirintahe! Mubwire bimwe navyo bituma utaje ku maziko”

Tresor ati: ‘‘Ngiye kumaziko nama mbona umuntu yapfuye ari mu bitabiriye amaziko yiwe aguma agendagenda hirya no hino ata numwe amubona kiretse jewe’’

Tresor amaze kuvuga ivyo nanje namwiganiriye indoto nari naraye ndose arumirwa ati: ‘‘Ibi bintu birafise impamvu biriko biraba, basi ubu hoho ndamenye ko ntari jenyene habako ibintu bisize ubwenge, none nimba jewe ndi Ziriel nawe Yelahiah hasigaye ko dutora Yelilah nawe uwariwe’’

Jewe nti: ‘‘Wait! Wavuze yuko babantu wabona ukiri umwana bahagaritse kukugaragarira umusi wabiyama?’’

Nawe ati: ‘‘Ego! Kubera?’’

Nanje nti: ‘‘Gerageza usubire ubahamagare urabe ko bogaruka”

Nawe ati: ‘‘Ndabahamagare ntazi amazina yabo?’’

Olivia uti: ‘‘Tomboza ubahamagare izina rikuza mumutwe urabe’’

Jewe nti: ‘‘Oya! Mundoto narayemwo bambwiye ko ibanga ry’ibintu vyose ari ivyiyumviro ahubwo turondere ahantu tuja hatekanye hama ukoreshe ivyiyumviro ndazi biraza gukunda’’

Twasubiye muhira iwanje maze twicara muri salon ndugara imyango namadirisha kugira habe agacerere maze Tresor atangura gutekanisha ivyiyuviro bindi vyose asigarana iciyumviro kimwe mu mutwe co kubona babantu yaheruka kubona akiri umwana.

Yarageregeje harahera umwanya ataco arabona haca hanzamwo iciyumviro nti: ‘‘Reka tugufashe twese twiyumvire ikintu kimwe turabe naho’’

Twarahumirije maze twese tugira icipfuzo ni iciyumviro kimwe ko abo bantu bagaruka hahaze akanya tuza tubona…

Agace 20

Twagiye tubona Olivia atangura guhemagirika cane ariko twirindi guhangayika dushishikara gutumbereza ivyiyumviro ku cipfuzo twari duhurijeko co kubona abo bantu.

Haheze akanya Olivia yatanguye kuvuga ahema cane ati: ‘ ‘Ndabaramukije amahoro y’Imana ndanabashimira kwiteka muduteye ryo kutwakira muri mwe muradutunga kubona twitije umubiri wa Yelilah nuko ariwe yabarushije kudukwega’’

Mwuwo mwanya namenye ko hari impwemu yitije umubiri wa Olivia ikaba iriko iramuvugisha maze ntangara numvise avuze Yelilah nti: ‘‘Olivia niwe Yelilah canke numvise nabi?’’

Nawe ati: ‘‘Nivyo! Dufise umwanya muto mutubaze ibibazo bibiri kuko turiko dutwara inguvu Yelilah”

Atagutevya nabajije nti: ‘‘Ivyo nabonye mu ndoto nivyukuri?’’

Nawe ati: ‘‘Icipfuzo wakuranye co kumenya ibanga ry’ico mwita urupfu nico catumye urota zirya ndoto uretse ko zitari indoto ahubwo ryari iyerekwa ryagace gatoyi cane kibinyegejwe abanyamubiri, ariko ivyo wabonye vyose ni ukuri mbere umuhamagaro wawe kwisi ni ukubabwira ivyo wabonye nivyo wumvise vyose abazovyumva bakavyizera bizobafasha abatazovyizera nabo igihe cabo co kuvyizera kizoba kitaragera’’

Tresor nawe yaciye abaza ati: ‘‘Nanje bite vyanje?’’

Nawe ati: ‘‘Mwese muri abadasanzwe kuko mwatoranijwe kera ndetse igihe kirageze mugende mukoreshe ivyo mufise vyose muburire isi wewe Ziriel ufise amaso abona Yelahiah akagira

impwemu yindosi maze Yelilah ni umugende uzobafasha guhamagara impwemu muzoba mwipfuza gusiguza ikibabakiye’’

Ubwo nyene Olivia yaciye agwa hasi amera nkuwupfuye tuca turugururа imyango n’amadirisha dutangura kumupepera haheze akanya aca arikangura yigorora afise ivyuya vyinshi bisa naho yararuhe cane ntiyari yibuka na kimwe mu bihejeje kumubako nitwe twamudondeye vyose.

Kuvubwo twafashe umwanzuro wo kwandika ibitabo bidonda ivyo twari tumaze kubona ndetse inyuma y’igihe abantu batanguye kuturondera bipfuza kumenya vyinshi aho twatangajwe no gusanga kwisi harabantu benshi bazi ibintu vyinshi bari barabihoze kubera ubwoba n’amakenga.

Namenye kandi ko kwisi harabantu benshi bafise ingabirano zo kubona kwumva canke gukora ibintu bidasanzwe bavukanye bari baravyigumijemwo maze dutangura gutegura amakoraniro ahumwe wese yashikiriza ico azi kubijanye n’ubuzima buri inyuma y’ubu tubonesha amaso aribwo bw’impwemu.

Abo mu madini atandukanye abato nabakuru bose baragarageje ko ivy’impwemu dukwiye kurondera kubimenya tukagira ubushakashatsi kurya bikorwa mu vy’isi ndetse tukerengera imyizerere twakuze twumva canke ivyo twakuze twizera kuko dukeneye gutera imbere.

Uretse ko abakuru bamadini amwamwe batugwanije kuko twatumye abanywanyi babo batabayoboka ukwo vyari bimenyewe ndetse baranaturwanya ariko twarashishikaye kuko muri twe twari dufise ukwizera ko turiko dukora icatuzanye kwisi…*IHEREZO*

Menya neza: Ino ni inkuru yinfondano nta kintu na kimwe mu vyanditswemo cabaye. Nayanditse mu ntumbero yo kubateramisha no kubafasha kwiyumvira ibitandukanye nivyo mumenyereye.

Ariko ndizera ko hariho impamvu yatumye mpwabwa iki ciyumviro hakaba hariho nimpamvu yatumye wewe uyisoma ndetse ukayibandanya gushika kwiherezo. Iyo mpamvu abe ariyo uha agaciro yonyene.

Iyi nkuru irabandanya ariko iyikurikira umwanditsi azoyitanga bivuye kukungene abasomyi bazoba bakiye iya mbere hanyuma bagasaba iyikurikira.

Ndabashimiye cane.